# Iyerekwa Ry'I Patimo

Jeffersonville, Indiana, USA

04 Kigarama 1960 Ku Mugoroba

1 …mu gihe mweneData Neville yariko aramenyesha yuko… Mwene Data Moore yariko aravuga ejobundi, avuga kuri Mpwemu w'Umwami, yaje…yajemw'ikoraniro. Yavuze ati : «Ivyovyari vyabaye vyiza cane ku buryo nibaza yuko izamurwa ryabaye, nca ndahindukira, hanyuma mbonaabandi bari aha,“ avuga ati, ”oya, ntiriraba, kuko nimba bakiri aha kw'isi, bitumyemenya yuko nkiri kw'isi. » Rero rimwe na rimwe, Mpwemu w'Umwami ivyo bintuarabitwereka kubw'ukugira neza kwiwe.

2 Turanezerewe vyukuri kubona ko dufise muri ino nzuabagenzi isinzi. Ni benshi cane sinobadondagura bose. Nashoboye kubona mweneData Carpenter igihe yinjira; ni we yahezagiye ubugeni bwacu, jewe n'umugorewanje. Mwene Data Carpenter yatubereye umugisha muri rino shengero, kandiyatubereye umugisha mw'ibango ry'igikorwa co kimwe mbere n'abandi bavugabutumwab'imihingo itandukanye. Kandi turanezerejwe n'uko ari kumwe natwe, we n'abandibenshi.

3 Ubu naho, ng'iki ikindi kibazo nabajijwe ejo kumugoroba :

Mwene Data Branham, mbega za nkumi zitanu zitanu z'ibijuju zo muriMatayo 25 ziri mu gitigiri c'amasigarira yo mu banyamahanga? Namba natahuyeneza, izo nkumi zitanu z'ibijuju zirakizwa ariko zitegerezwa guca mu gihe cavya vyago bihambaye. Vyoba ari vyo? Ni vyaba ari vyo, iherezo ryabo ni irihe?Birashoboka yuko boba ari za ntama zarobanuwe mu mpene zivugwa muri Matayo 25 :33 na 34?

Nk'uko ndabibona, ng'uyu umuntu yize cane, ivyatewolojiya...

[Igice kidafashweko amajwi -U] Inkumi z'ibijuju niamasigarira avugwa mu Vyahishuriwe Yohana; ayo mu ruvyaro rw'umugore yitondeyeIvyagezwe vy'Imana kandi afise igishingantahe ca Yesu Kristo. Umugore arafataigitambara c'impuzu akagisanza; ego me murazi, ni ukugira ngo agikuremwoumwambaro. Canke atari ukwo, aca afata icitegererezo c'impuzu ashaka gushonamaze akagishira aho ashaka bivanye n'ico aja gukatako.

Gurtyo rero, ivyo ata ku ruhande atwita utwasagutsekoari yo masigarira. Igitambara ciwe akiringaniriza ku ruhande bivanye n'uko ajakugikata. Ariko udusagutse, twitwa amasigarira.

Ubu rero nimurabe ko hari inkumi zitanu z'ibijujun'inkumi zitanu z'ubwenge; zose zari inkumi, zakuwe mu kintu kimwe. Arikobiciye mu gutoranya, Imana yatoranije Umugeni wayo imbere y'ukuremwa kw'isi,kandi yandika amazina yabo mu gitabo c'Ubugingo ca wa Mwagazi w'intama yishweimbere y'ukuremwa kw'isi, n'imbere y'uko isi ibaho, kuko ivyiyumviro vy'Imana bitagiraiherezo.

4 Kandi iri jambo turarikoresha tugomba kuvugaivy'Imana yagabiye gukora kuva kera, ariko muri kino gihe c'Ishengero turimworyacitse nk'umugani usanzwe. Nta nkeka ko iryo jambo ryasigura ikintu ciza canemu gihe c'abishwe bahorwa Ijambo ry'Imana kuko bararyizera vyukuri. Arikoabantu bagiye kure y'insiguro y'ukuri y'iryo jambo kugira bagendere muvyiyumviro bishingiye ku mategeko, mu nyigisho z'amategeko y'idini. Cari ikintuciza, kandi mu Bwongereza bose bari basigaye ari abakaluviniste, ku buryobatari bagifise n'ikanguro, hanyuma John Wesileyi yaje yigisha inyigishoirwanya idini ry'abakaluviniste itari itambamiye i buryo canke i bumoso. Imanantiyigera itambamira i buryo canke ibumoso.

Rero, inkumi z'ibijuju zari zimwe zitari zifiseamavuta mu matara yazo, kandi ni bo nibaza ko baterewe hanze mu mwiza ahazobaamarira, amaborogo n'ukuryanya insya z'amenyo. Ivyo mubigereranije n'ivyomwanditse, bica bibibutsa vya vyago bikomeye. Nibaza yuko zerekana bamwebazosigara hanze bagaca muri vya vyago bihambaye. Cari ikintu twokwizeko iyotuba twari dufise umwanya.

5 Ubu rero nimwibuke, nk'uko maze kubivuga, icomuzobanza kwumva ku makaseti ni iki, ngo : « Ibi bintu ndabivuze nizera ko ariivy'ukuri.» Murabibona? Ni vyaba atari ivy'ukuri, sindabigira nkana. Kandisinshobora kuvuga ivyo ntizera. Sinshaka gutsitaza umuntu n'umwe. Dutegerezwakubisiga ku ruhande iyo twinjiye aha maze tugafata ivyavuzwe, tukabisuzuma,hanyuma tukaraba vyukuri yuko ivyo bihuje n'Ivyanditswe, canke ko bidahuje. Nibwo buryo bwiza bwo kuvyifatamwo, kuko mu gihe turimwo, mu gihugu cama kirikokirajuragizwa mu buryo bwose n'ibintu bitandukanye, biragoye kubitahuza nezaabantu. Si co kimwe n'ahantu hatarononekara. Urababwira bakizera, kandi ukwo niko bitera bija imbere.

6 Ariko ino, umwe aza azanye iciyumviro kinaka, uwundiakazana ikindi ciyumviro, none ubu tugeze ku madini arenga amajana icendaatandukanye, atavuga rumwe mu vyo yigisha, hategerezwa rero kuba hari uwuri mukinyoma, bo n'uwuri mu kuri! Uburyo bwonyene bwo kubimenya, ni ukugarukanavyose kuri Bibiliya; reka Bibiliya ibe ari Yo ibihinyuza. Kenshi abantu batangainsiguro zabo bwite. Ariko tugerageza ukwo dushoboye ngo ntidushiremwo insiguroz'abantu. Tugerageza gusa kuyisoma ukwo iri hanyuma tukavuga duti : « Ni ukwobiri. »

Ni nk'uko nama ndabibona: Nimwafata gusa ivyoyavuze, bizohura neza n'Ivyanditswe. Ni co kimwe

mwegeranije uduce tugize PUZZLE [PUZZLE ni urukino rugizwen'uduce twinshi dusabagiye twanditseko indome, bakaduterateranya baronderaamajambo arimwo yumvikana. - Umus.] : mutegerezwa kurabira ku karorero imbere yoguterateranya neza utwo duce tugize urwo rukino rwa PUZZLE. Atari uko, nk'ukonama ndabivuga, muzoca musanga muri imbere y'inka iriko irarisha kubushorishori bw'igiti! Aho ntakizovamwo.

7 None tworeka gusa Mpwemu Yera... Ni nde yanditseBibiliya? Ni Mpwemu Yera yamanutse ku muntu hanyuma yandika Bibiliya. ReroMpwemu Yera atahari, naho mwoba mwarize gute ntimuzoruha muyitahura. Yesuubwiwe yarashimiye Imana ingene yayihishije amaso y'abanyabwenge n'abahangaakayihishurira abana bato biteguriye kwigishwa. Abigishwa bose ni nk'aho bataribarize, kiretse umwe ari we Paulo. Kandi Paulo avuga yuko yabanje kwibagiraivyo yari yarize kugira ngo amenye Kristo. Ni nako yabwiye ishengero ry'iKorinto ko ataje azanye ubwenge bw'abantu bo n'amajambo y'agakura kuko muri icogihe ukwizera kwabo kwari kuba guhagaze ku bwenge bw'abantu; ariko ngo yagiye iwabo mu bushobozi no mu kugaragara kwa Mpwemu Yera, kugira ngo ukwizera kwaboguhagarare ku bikorwa vya Mpwemu Yera, bihuje n'Ijambo ry'Imana. Kandi ni cogituma tugerageza kuryumirako ukwo dushoboye, kuko imbere y'uko iri yingarirangira, canke iri yinga niryamara kurangira, muzobona neza na neza ivyabaye,ako kanyuzi kaguma kabandanya uko ibihe bigenda bikurikirana.

8 Mwakoze gushira ikibaho hejuru gato! Gurtyobirapfuma.

Nashaka ko tubifatira uru rushana rwose, gurtyotukabona gufata igitabo cose c'Ivyahishuriwe Yohana tukaciga kuva ku ntangogushika kw'iherezo. Kirimwo inyigisho nziza cane! Ndibuka (nibaza yuko haciyeimyaka mirongo ibiri canke mirongo ibiri n'itanu, igihe ishengero ryari rikiririshasha), twari twatanguye kwiga igitabo c'Ivyahishuriwe Yohana mu ntangoy'agatasi, kandi twahatswe gushika mu gatasi k'umwaka wakurikiye kugira tukirangize.

Ndibuka ko nigeze kwiga ku gitabo ca Yobu. Oh,mwene Data Wright! Nakimazeko igihe kirekire cane ku buryo hari umugore yarushearanyandikira ati : «Mwene Data Branham, ntuzoruha ukura Yobu ku kigungazic'umunyota?» Rero nariko ngerageza kwerekana bimwe bimwe, kuko vyose vyari biriaho hantu; nashaka gushika ha handi nyene Mpwemu w'Uhoraho yaza kuri we; igiheimiravyo yari itanguye kuravya, imituragaro nayo iriko iraturagara,

Mpwemu yaciye amanukira uwo muvugishwa maze abonaUkuza kw'Umwami. Nashaka kubishimangira, ni co gituma nagumije Yobu kuri cakigungazi c'umunyota igihe kirekire, kugira ngo dushobore kwerekana ivyo bintu.Nari nzi yuko ivyo vyari gushobora kumera nk'ibirambira bamwe. Na jewe ivyobirambabaza iyo ndiko ndumva umuntu arinda gukikiriza aho gushika n'ingoga kuco ashaka kuvuga. Ariko kumbure aba ari Imana irongoye uwo muntu gukora gurtyokugira ishike ku ntumbero kanaka.

9 Ubu rero tugaruke kuri ayo masigarira, imbere yukotuva kuri ico kibazo. Nizigiye yuko gurtyo bizoba bitomoye. Ndizera yukovy'ukuri ayo masigarira yatoranijwe n'Imana. Ndizera yuko Imana yatoranije ayomasigarira imbere y'ukuremwa kw'isi; kandi ivyo biva ku kumenya ibitarabakwayo. Ubu rero nimwihweze iryo jambo «gutoranywa.»,kuko ari akajambo gakarishe gacumita abantu! Murabibona? Yamara Imana muCiyumviro cayo ciza cane kandi kitagira iherezo, yaratoranije Ishengero,iratoranya Yesu, iratoranya Ishengero maze, kuva mu ntango iravuga ibizobakw'iherezo. Niyaba itagira iherezo nta na kimwe itamenye. Yari izi ubunyundobuzoba kw'isi, bo n'incuro buzokubita ingohe!... bo n'ubuki buzokora ukwobuzongana bo n'ubuki buzokora bwose hamwe. Ukwo ni kwo kutagira iherezo. Ntaburyo bwo kubisigura buriho. Kandi Imana, ni ko iri : ni Imana itagira iherezo.

10 Gurtyo, murabona ko Bibiliya ivuga ko mu misi yanyuma antikristo azoza kw'isi.

Ubu rero nimwumvirize neza! Akanenge kamwekonyene... nibaza ko uwo mwene Data yoshobora kuntora utunenge dushikaumuliyoni. Ariko mwene Data mukundwa Billy Graham, wa musi, muri bwa butumwabw'akaroruhore yigisha ku w'iyinga ushize (kandi nizera yuko vy'ukuri bwaribuje hageze), yavuze ko « n'abatoranijwe Satani abazimiza ».

Oya! Bibiliya ivuga ngo : « kugirango bazimizen'abatoranijwe NIVYASHOBOKA.» Ariko ntibishoboka, kuko Imana yabatoranijeimbere y'ukuremwa kw'isi. Murabibona? Yesu Kristo yari Umwagazi w'intama yishweimbere y'ukuremwa kw'isi. Iyo Imana ishize ikintu mu ciyumviro cayo, iyoisohoye iryo Jambo, ntirishobora guhinduka. Ntirishobora gutituka kuko itagiraiherezo, n'amajambo yayo azoshitswa.

11 Nimuvyibazeko. Iyi si nyene duhagazeko kuri unomugoroba ni Ijambo ry'Imana ryagaragajwe! Isi yegeranijwe ikuwe mu bintubitanaboneka. Yaravuze gusa iti : «Iki ni kibe!» maze gica kiraba. Ese ukunturero vyorohera Imana gukiza umubiri urwaye namba ishoboye gushiraho ivyaremwevyose ikoresheje Ijambo ryayo gusa! Murabona, Ijambo ryayo! Ese iyo tuba twaridufise ukwizera kwo kubona Ijambo ryayo ico ari co! Turabohewe cane kw'isi,kandi n'ivyiyumviro vyacu vyarononekaye ku buryo tu... Oh, sinzi. Baraduteyemwoinyigisho nyinshi, badutera urushinge rw'ibi, urushinge rwa biriya, ku buryoivyo bidushira mu rwijiji rwinshi cane. Yamara mushoboye kwikunkumura vyose, noguca imigozi yose mukagaruka kuri uku kumenya yuko ari Imana kandi yuko Ijamboryayo ridashobora kunanirwa nk'uko na Yo nyene idashobora kunanirwa!

Kandi namba Ijambo ryayo ryihenda, n'Imana na Yoirihenda; kandi namba Imana yihenda, aho rero ntiyoba ari Imana. Murabibona?Kandi nimwibuke, ntishobora kuvuga ikintu ngaha, ngo ice igihindura hariya. Kugirango ibe Imana, itegerezwa kuguma ku ngingo yafashe ubwa mbere.

12 Kandi ico yadusavye ni kimwe gusa : kwizera yukoivyo yavuze ari Ukuri, kandi yuko izobishitsa. Yo, ese ingene ari vyiza! Mwarimwiteze ko hashika ikintu kanaka buno nyene; rimwe na rimwe ivyo bisaba komugira ukwizera na gukeya. Ntikizoba ari igitangaza, ariko nimwahagarara nezamushikamye, ivyo bizobabohora; nimugumane gusa n'ivyo. Yavuze ko agatete kasinapi ari ko kabuto gato kurusha utundi twose; ariko muramaze kubona ko sinapikatavangwa n'ikindi kintu? Ntimushobora kuvanga sinapi n'ikindi kintu ico arico cose, ivyo ntibivangwa! Kandi nimwaba mufise ukwizera, ukwizera na gukeyagusa kudashobora kuvangwa n'ukutizera na gukeya canke n'ubunyedini canken'umutegekere uko woba uri kwose, mazemukagumana n'Imana, nimukugumane gusa, kuzobaterura kubacane mu gipfungu maze

kubasohokane. Ego, nimugumane gusa n'ukwokwizera.

13 Bibiliya iravuga mu Vyahishuriwe Yohana, ngo :«Antikristo, mu misi y'iherezo...» Nimurabe ayo mashengero ariko araja hamwe.«Antikristo, mu misi y'iherezo, azozimiza abari kuri iyi si bose abo amazinayabo atanditswe mu Gitabo c'Ubugingo c'Umwagazi w'intama uhereye ku kuremwakw'isi.» Izina ryawe ryanditswe mu Gitabo c'Ubugingo ryari? Imbere y'uko habahon'isi, mwaratoranijwe kugira ngo muhabwe Mpwemu Yera muri kino gihe!

Kandinifatanije n'ivyo Eddie Perronet yanditse :

Nashize ubugingo bwanje mu bwigobekobw'uburuhukiro

Kugira sinongere kuzungazunga ku mipfunda yo munyanja

N'ahoigihuhuta cokubura inyanja igasuriranya

Muri Yesu,mba ndi mu mutekano nta ngere

14 Nta na kimwecoshobora kudutandukanya. Imana ntishobora kwisubirako kw'Ijambo ryayo. Kandiniyaba itagira iherezo maze ikabaha Mpwemu Yera ngaha, kandi izi ko hariyaimbere muzozimira, ni ikihe gikorwa yoba iriko irashitsa? Kiretse mutazi nezaivyo murimwo, namba mufise Mpwemu Yera...Ariko mwitondere ico Bibiliya ivuga,mu banyefeso 4 : 30 ngo: «Kandintimukababaze Mpwemu Yera w'Imana yabashiriweko kuba ikimenyetso gushika ku...» - Gushitsa kw'ikanguro riza? Mbegamwumva ari vyo? «Mwashizweko ikimenyetso gushitsa ku musi wo gucungurwa!» Igihekingana gute? - Gushitsa ku gucungurwa kwanyu!

Nimufate ikamyo y'ibidandazwa, muyipakire, kandiiyo imaze kwuzura neza... Ariko ntihaba haragera kuyugara; biba bikwiye yukoumugenduzi abanza kuza. Maze akayigendura, agasuzuma ko ata na kimwe coshoborakunyiganga. Ikamyo yoshobora kuba inengesereye, ariko habayeho ibitirigana,muca musubiramwo gupakira. Kandi aho ni ho hari ingorane, ni naco gituma benshimuri twebwe batagira Mpwemu Yera; iyo Umugenduzi ahaciye asanga hari vyinshibitirigana (murabona?), kandi ni co gituma atazoba aragera gushirako ikimenyetso ciwe.

15 Haraheze imyaka itatu canke ine umunyetewolojiyaahambaye aje kundaba, hanyuma aca ambwira ati : «Hari ico nagomba kukubaza. Aburahamuyizeye

Imana, kandi ivyo abiharurwako nk'ukugororoka.»

Nishuye nti : «Ni ukuri »

Arambaza ati : « Ni igiki yari gukora kirengeyekwizera?»

Namwishuye nti: «Ni co conyene yari ashoboye gukora.»

Yambwiye ati : «None kutabaye ari ukwizera ivyo vya Mpwemu Yera bibashikana he?»Murazi, yari umubatiste. Yaciye ambwira ati : « Mpwemu Yera muvuga mumushirahe? Iyo umuntu yizeye; mucizera gusa muba muhawe

Mpwemu Yera.»

Ndamwishura nti : « Haba namba! Uriko urerekana kohari Ivyanditswe bihinyuza ibindi, kandi Ivyanditswe bidashobora guhinyuzanya.»Paulo yarabajije ati : «Mbega mwarahaweMpwemu Yera KUVA mwizera?»

Aca ambwira ati : « Aho rero... »

Naciye mvuga nti : «Ni vyo yuko Aburahamu,sogokuruza mu kwizera, yatanze... yari yarasezeraniwe n'Imana, maze yizeraImana, kandi ivyo yabiharuweko nk'ukugororoka; ariko Imana

yaramuhayeikimenyetso c'ugukebwa cerekana yuko yemeye ukwizera kwiwe.»

16 Nuko rero, niyaba itarabashirako ikimenyetso caMpwemu Yera, ni yaba itemera ukwizera kwanyu muri yo, ni ukuvuga ko harihoibitirigana muri mwebwe. Murabibona? Murashobora kuba mwizera vyukuri, niivy'ukuri, ariko hariho vyinshi bigitirigana. Ariko iyo ikintu cose kiri mukibanza caco, niho ica ibashirako ikimenyetso ca Mpwemu Yera gushitsa ku musiwo gucungurwa kwanyu. Ni icemezo c'uko Imana yemeye ko muyizera.

Aburahamu yaratuye ukwizera kwiwe, maze Imanairavuga iti : « Ngira ndaguhe ikimenyetso cemeza yuko nakwemeye. » Maze icaimuha ikimenyetso co gukebwa.

Ni co gituma iyo mwakiriye Kristo nk'Umukiza wanyubwite mu kumwizera maze mukamusaba gutunganya ubugingo bwanyu ico gihe rero acaaza azanye Mpwemu Yera akabaha ikimenyetso ca Mpwemu Yera, muba mushizwekoikimenyetso gushika ku musi wo gucungurwa kwanyu.

17 Mu gihe iyo kamyo y'ibidandazwa ipakiye nabi...Imaze gupakirwa ikuzura neza, baca bugara umuryango bakawudomako ikimenyetso,maze ikaba idomweko ikimenyetso gushika iyo igiye. Hamwe mwomena icokimenyetso, ishirahamwe riraba ivy'amabarabara y'indarayi ryobacira umunyororowo guherayo! Ntigishobora kumenwa. Iba idomweko ikimenyetso gushika iyo igiye;kandi muri ico gihe cose ntihagire umuntu agerageza kuyugurura, ngo arabeimbere muri yo, ngo ayihweze maze ayigenzure, canke ngo hagire ibintu bimwe ata,canke ngo yongeremwo ibindi bintu. Oya!

Ku mutegekere kanaka, iri shengero rizovuga riti: «Iki n'iki si ciza». Iyo Imana iguhaye Mpwemu Yera, biba birangiye! Muba muziaho mugeze, muba muzi ivyabaye, kandi muba mudomweko ikimenyetso mu rugendo rwosekugeza ku musi wo gucungurwa kwanyu, ari na ryo herezo ry'urugendo rwanyu rwomw'isi! Yo! Ivyo vyategerezwa guha ukwizera umwe wese, ukwizera Imana noguhagarara mu bushobozi bwa Mpwemu Yera.

18 Tugaruke kuri za nkumi zitari zifise Mpwemu Yera;muribuka yuko ikintu kimwe conyene zari zibuze yari amavuta yo gushira mumatara yazo. Mbega ni vyo? Bibiliya iravuga yuko amavuta agereranya MpwemuYera, ni co gituma dusiga amavuta abarwaye, kuko ari ikigereranyo ca MpwemuYera. Kandi namba Mpwemu Yera atamanutse kuri zo ntizari zimufise. Kandi igiheyaza, zaciye zibwira za nkumi zari zifise amavuta...

Muratahura, zasigaye inyuma mu gihe c'ishengero;bamwe muri zo bari abantu beza, yamara ntizari mu muco wa ya nyenyeri,n'ukuvuga yuko urutambi rwa rimwe rimwe ryose mu matara yazo rutashika mumavuta. Murabona, iryo shengero ryari hanze. Ryari ryarasohotse; ryariryariyonkoye. Yohana yavuze mu gihe ciwe ati: « Baritandukanije natwe, kukobagaragara ko batari bafise ukwizera.» Murabona, bari bagiye kure yabo. « Bavuye muri twebwe ariko ntibari abacu.»Kandi ivyo vyatanguranye neza na neza n'igihe ca mbere ca Efeso, mazebirabandanya kugeza muri iki gihe turimwo. Ivyashitse muri buri gihe vyagendabigaruka mu bihe vyakurikiye gushika muri kino gihe. Mu kanya ico cigwa turajakucinjiramwo cane.

19 Turabona rero ko izo nkumi zaciye zija ahariamarira, amaborogo no kuryanya insya z'amenyo.

Reka ndakubwire iki kintu mwene Data mukundwa, kukonk'uko bisanzwe, iyo nje muri rino shengero, mba nje gusa kubw'igikorwa cokukiza indwara no gusengera abarwaye; bitari uko mba ndi ahandi hatandukanye mugihugu. Yamara igihe ni iki, nk'uko namye ndabibabwira, co gushira ku ruhandeibigumbagumba vyanyu. Ubu dushaka guhura tutari mu buryarya kandi turi mu kurikuko turi mu misi ya nyuma. Ni ivy'ukuri!

Aho niho mwihendeye, mwebwe bene Data bakundwa,b'Abanazareye bo n'Ingenzi z'Ubweranda muri mu vy'ukwezwa. Murabibona? Mwarimuzi yuko Yuda Isikariyota yashitse kuri urwo rugero? Yuda yarizeye Umwami YesuKristo nk'Umukiza, yaramwemeye nk'Umukiza. Kandi yarejejwe muri Yohana 17 :17,aho Yesu yavuga ati : « Data, ubeze mu kuri, Ijambo ryawe ni ryo kuri. » Kandini We yari Ijambo.

Muri Matayo 10, bahawe ububasha bwo gukizaabarwaye, bwo kuzura abapfuye bo n'ubwo gusenda amadayimoni. Baragiye ahantuhose mu gihugu gusenda amadayimoni, maze bagarutse banezerewe, bavuza akamobongera bashima Imana. Yamara Yesu yababwiye ati : «Ariko ntimunezerwe nukw'izo mpwemu zibumvira, yamara munezerwen'ukw'amazina yanyu yanditswe mu Gitabo c'Ubugingo.» Mbega si vyo? Na Yudayari kumwe nabo. Yuda yari kumwe nabo, kandi hari hasigaye hafi umwaka n'ameziatandatu ngo Yesu abambwe.

20 Ariko wa musi wa Pentekote wegereje, igihe c'ukoYuda yategerezwa guhabwa Mpwemu Yera, aho ni ho yerekaniye uwo ari we.Yarihakanye Yesu maze aramugura. Kandi aho ni ho iyo mpwemu yagarukiye; muriLuteri, no muri Wesileyi, iryo shengero ryaraduze gushika ku kwezwa rifiseubugingo bw'ubukumi, butanduye, butagira amarabaga, bwejejwe, bwiza; iyo abobantu mubabona, nta bantu beza bari bameze nkabo. Ariko bageze aho bavuga mundimi, no guhabwa Mpwemu Yera, Abanazareye, ingenzi z'Ubweranda, abametodistebigenga baciye bavuga bati: «Biva kuri wa murwanizi!» Kandi muri ico gihe

nyene, mwarogose kuri Mpwemu Yera, maze mubamukuwemwo burundu. » Umuntu wese azodedemba ku Mwana w'umuntuazobiharirwa, ariko udedemba kuri Mpwemu Yera, ntazobiharirwa, naho hobamur'iki gihe canke mu gihe kizoza. »

21 Nimwibuke yuko abigishwa bose bavuga mu ndimi. YesuKristo yapfiriye ku musaraba ariko avuga mu ndimi. Rero nimutashoborakugiriranira ubucuti nabo no kwumvikana na bo ngaha, hariya ho bizogenda gute?Kandi namba abo ari amadayimoni, na bariya rero bari amadayimoni. Aha rero nihomushobora kubonera aho yerekaniye uwo ari we. Ng'izo za nkumi zitunganye kimwena za zindi, zifise ubugingo butunganye. Dufashe amashengero ya keray'Abanazareye n'Ingenzi z'Ubweranda bizera vyukuri ukwezwa, nta co tworonkatunegura mu buzima bwabo; nta bantu bari batunganye nk'abo. Vyobaye ari vyizacane iy'aba twoshobora kubaho nk'abo! Ni vyo, dukwiye kubishikira.

22 Turazi yuko mu Bapentekoti hariyo abigana benshicane... Ni ivy'ukuri. Yamara iyo mubonye idolari ry'iryiganano, muca mumenya koryiganywe bisunze idolari ry'ukuri. Ni ukuri! Kandi hariho Mpwemu Yera w'ukuri,Mpwemu Yera nyakuri avuga mu ndimi maze akerekana ibimenyetso n'ibitangaza,kandi ivyo biriho guhera kuri wa musi wa Pentekote. Na ho nyene hakwiye kubahouwigana. Bikwiye ko haba umugore mubi, ataco amaze, kugira ngo bihe agaciroumugore w'ukuri. Bikwiye ko haba ijoro n'umwijima mwinshi, kugira ngo vyerekaneyuko umuco w'izuba ari mwiza cane. Ni vyo. Bikwiye ko umuntu arwara kugira ngoanezererwe amagara meza. Ni ko bimeze hama haboneka ikintu n'igihushane caco,ivyo vyaramyeho kandi bizokwamaho, igihe cose ibihe bizoba bikiriho.

Ivyo ni vyo Ishengero rigezemwo.

23 Yesu ntiyavuze, muri Matayo 24, ko mu misi yanyuma, izo mpwemu zibiri zizoba zegeranye cane ku buryo ivyo vyozimijen'abatoranijwe iyo biba vyoshobotse? Murabibona? Yamara uwatoranijwe uhereyekuva isi ikiremwa ry'isi aba afise Ubugingo budashira. Ubugingo budashirantawokwitandukanya na bwo. Buhoraho nk'uko Imana ihoraho, kandi ntimushobora kurekakubaho nk'uko Imana idashobora kureka kubaho. Ni vyo! Ni kubera muri agacek'Imana. Muri abahungu n'abakobwa b'Imana, kandi ubugingo bwanyu bwarahindutse;muri agace k'Imana, mufise ubugingo budashira. Oh! Ndamukunda! Mweho?

24 Ubu rero umuntu umwe yampaye agapapuro, karikoakabazo gatoyi gusa. Ntibija kudutwara umwanya kukishura. Kandi mwibuke koigihe cose muzobaza ikibazo, nzogerageza kucishura namba nzoba ndabishoboye.Ariko ng'iki ikibazo gihambaye :

Twagomba kumenya yuko atari vyiza ko umugore ashingaintahe canke ko aririmba, canke ko avugishwa mu ndimi, canke ko asobanuraindimi canke ngo avugishwe mw'Ishengero.

Oya, si amakosa, igihe cose vyose bizoba birikobiba nk'uko bitunganijwe. Murabibona? Ishengero ritunganijwe neza. Uburyo bwizabwo gukoramwo ku bavuga mu ndimi, bavugishwa n'ibindi, ni ukubitanga imberey'uko ubutumwa buvugwa ariko ntivyigere bibera rimwe, kuko Mpwemu Yera akoreraahantu hamwe mu mwanya umwe, nk'uko Paulo abivuga ngaha. Ariko abagore barafiseimpano yo kuvugishwa, impano yo kuvuga mu ndimi, iyo kuzisobanura n‟izindiariko ntibakwiye kuvuga Ubutumwa. Ntibakwiye kuba abavugabutumwa. Birabujijweyuko bigisha mu mashengero, ni ivy'ukuri, ko bafata ikibanza c'umugabo cankengo babe abigisha canke ikindi ico ari co cose mw'ishengero.

Yamara ku bijanye n'impano, umugore arazifise zose,kandi ashobora kuba afise imwe canke iyindi muri zimwe cenda dusanga mu 1Ab'iKorinto 12, kandi nta na kimwe cobuza yuko ubutumwa bwiwe butangwa mu kibanzacabwo. Murabona; Ubutumwa bwose burarindira igihe cabwo gikwiriye.

25 Ni haba hari uwuvuga mu ndimi, ntihagireuwuzisobanura, nahore kugeza habonetse uwo gusobanura. Murabibona? Nk'ukobisanzwe, ubwo butumwa butangwa ikoraniro rigira ritangure. Iyo reroUmuvugabutumwa aje ari nawe muvugishwa wo mw'Isezerano risha, Imana icaitangura gukora iciye muri we. Hanyuma arangije, kuvugishwa bica bitangura,hanyuma bigakurikirana; bigenda nk'uko bitunganijwe, igihe cose! Yamara,umugore izo ngabire arazifitiye uburenganzira.

26 Nashaka kandi gufata akanya gato ko kwishura ibi;ngira nsome amajambo y'umutwe :

IMIGWI ITATU Y'ABANTU BATIZERA KUMWE YATANGUYE GUSOBANURA BIBILIYA. Washington ku wa 15-10.Abanyetewolojiya b'abakatolika, b'abaporotin'Abayuda, bagiye hamwe, batangura gushira Ivyanditswe mu rundi rurimi ari nayo ishobora kuba ya Bibiliya bari barindiranye igishika amashengeroazokwisunga.

Hari n'ibindi bintu nashaka kwigako gato, muriivyo, imbere y'uko dutangura. Mu yindi mvugo, murabona neza na neza ico turikoturavuga, ivyo Ivyanditswe bivuga ko bizoba muri ino misi: ko bazokwiyungakugira ngo bakore igishushanyo ca ca gikoko. Ni ko biri koko! Baragerageje,barabikora, none ubu, barafise akaryo nyako ko kubikora batari bwigere baronka,kuko igihe kigeze. Ni naco gituma nzana ubu butumwa bwavugishijwe, kuko nibazako ari co gihe gikwiriye.

27 Kubwo abazohora baza buri mugoroba, tuzogeragezakwama dutangura kare duheze kare. Ni

ntashobora kurangiza icigwa, rero nzocamenyesha ko nzokirangiza mu gitondo bukeye bwaho. Nitutashika ku murongo wa 20kuri uno mugoroba, tuzoca tubandanya ejo mu gitondo isaha zine. Turajakubibamenyesha ikoraniro rirangiye.

Hanyuma, ejo ku mugoroba, tuzotangurirakw'ishengero rya Efeso, maze tubandanye mu migoroba indwi : Efeso, Simuruna,Perugamo, Tuwatira, Sarudi, Filadelufiya, na Lawodikiya ku w'iyinga.

28 Iyo mbonye utwo tubuyenge tw'igiciro dukwiragiye munzira yose, birangora rwose kutabivugako uko biri. Mbonye ivyo bintu vyosenkumva Mpwemu azaniye abantu ibifungurwa, ivyo bituma nifuza kuvyinjiramwoningoga, no kugira ico ndabivuzeko; ariko ntegerezwa kwigumya ngashira ikintucose mu kibanza caco no mu mwanya waco. Ni mutashobora kuza ku mugoroba,ntimuze mubure kwironderera amakaseti canke ubundi buryo bwotuma muronkaubutumwa, kuko nifuza yuko ubu buja hose. Kandi ibi nabikoze kuko numvandongowe na Mpwemu Yera gukora gurtyo, ni co conyene catumye ndabikora. Kandiiyo ntaba nizera yuko ivyo bizofasha Ishengero...Mwibuke uyu musi, yuko hariigihe kigiye kuza aho tutazoba tugikora ibi bikorane. Ni co gituma bikwiye kotubikora ubu, mu gihe tukibishoboye. Ntituzi igihe ibi bazobiburiza.

29 Ico gihe, amashengero yose azoja hamwe maze akoreumutwe w'ubumwe bw'amadini. Turabifitiye akarorero kuri ONU ifise inyubakwanini, aho igihugu cose giserukiwe! Kandi rero bizosaba kuba muri rimwe muri ayomadini canke kwirukanwa muri ubwo bumwe bw'amadini. Igihe cashitse c'uko twebwetwerekana abo turi bo, tudakekeranya ku vyo tuzi (ntitube tucishimira ivyotwiyumvira) ariko tukamenya NIKO UHORAHO AGIZE ari na yo duhagazeko. Iryoshengero ritoya ryamye riri ku rushi, ni umugwi muto, akanyuzi gatoyink'akanyuzi gatoyi gatukura gaca muri Bibiliya yose, ariko riguma ariIshengero. Kandi dutegerezwa kuvyibuka.

30 Hari akantu gato nagira mvuge, imbere y'ukodusubira gusoma. Muri kino gitondo twihweje Uguhishurwa kw'uko Yesu Kristo ariWe Mana iri hejuru ya vyose, Imana imuduhishurira muri kino gitondo nk'Imanairi hejuru ya vyose. Umwe Ndiho ahambaye (atari : «Nariho» canke «Nzobaho»),NDIHO, ibihe vyose. Kandi turabona yuko muri kino gice ca mbere co muVyahishuriwe Yohana... Ni uguhishurirwa iki? Yesu Kristo. Ni igiki abanzakutwihishurira kuri We? Ko ari We Mana yomw'Ijuru. Si imana iri mu butatu, ariko ni Imana imwe. Imana imwe rudende,kandi uko ni ko yihishura mu gice ca mbere co mu Vyahishuriwe Yohana. Abivugaincuro zine mu gice ca mbere, kugira ngo ntihabeho ukwihenda. Ica mbere mukwiyekumenya : ni uko atari Uvugishwa n'Imana, we si imana ntoyi, si imana izaubugira kabiri, NI WE MANA! Ni we Mana. Gurtyo rero uguhishurwa kwaratanzwe,kandi turaja kubandanya n'uko guhishurwa kuri uno mugoroba kugeza dushitse kukugaragara kwiwe mu buryo ndwi.

31 Oh, mu gihe turiko twigisha aya majambo Imanaidufashe. Nayize mfatiye kuri kahise, ariko rindira nshike gusa ahavugirwaubutumwa nsunitswe na Mpwemu Yera! Kuko ndumva ko turi kumwe ahantu ho mw'Ijurumuri Yesu Kristo, kandi ko impwemu yanyu, umugabane wanyu ari wo rurimirw'Umuriro, Mpwemu Yera ari kuri mwebwe, ava kuri umwe aja ku wundi; aradomekaUmubiri Munini w'Imana maze akawatsa...aho niho hari uguhishurirwa.

32 Ubu, ico turiko turavugako, iki kibazo nabajijwengo: «Mbega abagore...n'ibindi? » ni vyo nyene vyazanye urudubi mw'Ishengerouhereye mu ntango; abantu bafashe ko abanyeshengero batagira kwubaha Imanakugira bakwitirire abavuga butumwa gusa. Yamara Imana ni Imana y'Ikoraniroryose! Ikorera muri buri muntu wese; iba mu mutima wose ishobora kwinjiramwo,irondera abafise impano maze ikaba ari bo ikoresha. Yamara wa murwanizi iyoabuze n'akantu na kamwe abafatirako, aho rero aca aza agakora ikigwi kininiataco kimaze maze agaca ashwiragiza abantu. Nk'uko Paulo yavuga ngo : « Iyomukoranye, namba mwese muvuga mu ndimi, hakinjira umuntu atizera, mbega ntazocaavuga ati : Murasara, muri ibipfu!»? Iyo muvuga mu ndimi n'ibindi vyose, mu muvurungano,ivyo ntaco bizomara. Ariko avuga ati : «Umwe ni yavugishwa agahishura amabangaari mu mitima aho rero bazoca bazovuga bati : Imana koko iri kumwe namwe!»Kandi ni mwavuga mu ndimi muhishuriwe mugatanga n'insobanuro yazo, kikaba ariico kwubaka Ishengero, aho rero ishengero ryose rirubakwa. Imana niyavugira mumuntu mu rurimi rutamenyekana, igaca iha uwundi kurusobanura, ikavuga yukoikintu kanaka kigiye gushika, maze ico kintu kigashika neza na neza nk'ukocavuzwe, aho rero ni ukuvuga ko Mpwemu w'Uhoraho ari muri mwebwe. Yoo,duhahamire ivyo, bagenzi nkunda, kugira ngo tugumane uwo muriro!

33 Ubu, gato imbere y'uko dufata ibi Vyanditswe ari cocishimikizo cacu, ndibaza ko ntoba ngoranye ndabasavye ko muhaguruka kugiramuhindure uko mwari mumeze akanya gato, mu gihe tuja kuba turiko turasenga.

Mana Ushobora vyose, wazuye Umwami Yesu mu bapfuyeukamutwereka hashize imyaka igihumbi n'amajana icenda, nk'Imana yo mw'Ijuruitihenda, ivyo turabigushimiye, turagushimiye no kuba ubana natwe uko bukeye ukobwije mu rugendo rwacu. Kandi turanezerejwe cane no kumenya yuko, muri kinogihe c'urwijiji, aho ab'isi batazi ico bari bukore, bimba ibinogo mw'isi,bakanyegera inyuma y'impome z'ibeto... yamara, O Mana, ntibashobora kwihishauburake bwawe! Hari umuti umwe gusa Mwami, umwe gusa, kandi turanezerejwe nokuba twarawemeye : «Ninabona amaraso, nzobarengana». Oh, ese ingene

tunezerejwen'uburinzi buhagije mu buryo bunengesereye bw'amaraso y'Umwagazi w'Intamaw'Imana no kuba dufise uwo Muherezi Mukuru ari mu Bwiza kuri uno mugoroba,atuvugira kubera ukwizera twatura. Tunezerejwe no kuba turi kumwe na We kuriuno mugoroba, ari na We Muvugabutumwa ahambaye, Mpwemu Yera w'Ubwiza,Uwuhambaye atanga amavuta, Uwuhambaye atanga Ubugingo.

Kandi ubu, Mwami Mana yacu, nahamagaye aba bantungo bakoranire muri iyi nzu, atari mw'izina ry'uwo ari we wese, ariko mw'Izinarya Yesu Kristo. Reka Mpwemu yarongora Umubiri wiwe n'ivyiyumviro vyiwe akagiran'ububasha kuri We, aze kuri uno mugoroba, asobanure Ijambo, yigishe Ijambo,maze arihe imitima yacu ishonje mu gihe tumwiteze. Kuko tubisavye mw'Izinaryiwe no kubw'icubahiro ciwe. Amen! Murashobora kuvyagira.

34 Ku bafise amabibiliya turafata Igitaboc'Ivyahishuriwe Yohana mu gice ca mbere, guhera ku murongo w'icenda; fate amakaramuyaanyu n'impapuro maze ndaja kugerageza kubaha amatariki amwe amwe n'ibindi,uko tugenda twegera imbere.

Ubutumwa bwacu bwo muri kino gitondo yarink'inyigisho, aho twashizeho urufatiro ku guhishurirwa Ubumana, Imana irikoyihishurira muri Kristo. Ivyo ni bangahe bavyizera? Imana yihishuriye muriKristo; Yehova yihishuriye muri Kristo. Ubu none Imana itegerezwa kwihishurirahehe? Mw'Ishengero ryayo, mu bantu bayo, muri twebwe! Umwe Mpwemu nyene, vyabikorwa nyene, kwa kugaragara nyene, rwa rukundo nyene, kwa kugira imbabazinyene, kwa kwihanganirana nyene, ubugwaneza, ukwihangana, amahoro, imbabazi,ivyari muri Kristo vyose biri mw'Ishengero. Ibi ni mubigumize ku mutima :ivyari mu Mana vyose, yabisutse muri Kristo (muri We hari ukunengesera kwosekw'Ubumana mu buryo bw'umubiri) ivyari muri Kristo vyose yabisutsemw'Ishengero. Imana hejuru yacu, Imana kumwe natwe, Imana muri twebwe. Ni Imanaimwe iboneka mu buryo butatu, Imana yagaragaye mu buryo butatu butandukanye:Data, Umwana, Mpwemu Yera.

35 Uguhishura kwo mu Vyahishuriwe Yohana kwerekana koitarimwo imana zitatu, ko kandi itanahimbaguwemwo ibice bitatu. Yamara ni yaMana nyene yari Imana mu misi yakora nka Data, yari Imana mu misi yakorank'Umwana, ni Imana mu misi iriko ikora nka Mpwemu Yera; ni ya Mana nyene. SiImana zitatu zitandukanye, si abaperesona batatu, ibiyiranga ntibiri uburyobutatu. Ni umuperesona umwe, ibiyiranga biri uburyo bumwe. Ntushobora kugiraibikuranga wisangije utabanje kuba umuntu. Bamwe bavuga bati : «Imana siabaperesona batatu, ariko ifise ibiyiranga biri uburyo butatu. Ivyontimushobora kubitandukanya, kuko namba ifise ibiyiranga biri uburyo bumwe,bisigura ko ari umuperesona umwe. Hategerezwa kubanza kubaho umuntu kugira habeho ibimuranga yisangije. Imana rero niumuperesona umwe, ifise n'ibiyiranga biri uburyo bumwe; uko yari ejo n'uyu musini ko ikiri kandi ni ko izohora ibihe bidashira; ni Alufa na Omega; Iyamyeho,iiriho, kandi igira ize. Oh, muri make, Yo ni vyose. Ivyo ndabikunda.»

36 Nimwihweze kamere kayo, Ubuzima bwayo, ibikorwa vyayo. Ivyo vyategerezwakugaragara ngaha nyene muri rino hema, nk'uko vyagenda mu gihe ciwe (simvuzeibi kugira ngo ndababababaze, Imana ni icabona canje). Ivyo mvuze ntivyerekeyeabo ngaha gusa, ariko vyerekeye abo kw'isi bose. Ndabinezererewe! Aho reroturazi ico duhagazeko, kuko dufise Mpwemu umwe muri twebwe, agendana natwekandi akerekana ko iri ngaha. Si twebwe, ni Yo; ntidushobora gukora ivyo bintu,Imana ni Yo ibikora. Mbere no mu bushakashatsi, yaremeye ko bayifotora. Irikumwe natwe, iri muri twebwe, iradukikije, iri hejuru yacu, ica muri twebwe,igakorera muri twebwe no hanze yacu. Oh, ese ukuntu bihimbaye!

Kera twararirimba akaririmbo kavuga ngo :

«NDI Umwe yavugana na Mose muri ca gisaka caka umuriro

NDI Imana ya Aburahamu, Ikinyenyeri co muGaturuturu Gikayangana

NDIIshurwe ry'i Sharoni; oh, muvuga ngo mva he?»

Murazi Data, mwovuga Izina ryiwe?

Mwebwe munyita nde, muvuga ngo mva he?

Murazi Data, mwovuga Izina ryiwe?

NDIAlufa na Omega, Itanguriro n'Iherezo,

NDIUmuremyi wa vyose, kandi Yesu ni ryo Zina ryanje.

37 Oh, mbega igitangaza, Uguhishurirwa, Ivyahishuwe! Yamara mwibuke ko mudashoborakukuronka biciye mu bize ivya tewolojiya; ntikuza muri ubwo buryo. Ivyo bizank'uguhishurirwa gusa. Umubatizo wo mu mazi mw'Izina rya Yesu Kristo, ushoboragutangwa biciye mu guhishurirwa. Uguhishurirwa kwonyene ni kwo gushoborakutumenyesha yuko Yesu n'Imana ari Umwe gusa. Bibiliya uko ingana ishingiye kuguhishurirwa. Ishengero uko ringana rishingiye ku Guhishurirwa. Matayo 16havuga ngo : «Nanje ndakubwira yuk'uriPetero kandi kur'urwo rutare (uguhishurirwa na Mpwemu) nzorwubakako ishengero

ryanje, kand'amarembo y'i Kuzimu ntazorishobora.»Turahigishije uwo ari we wese ngo atwereke aho ariho hose haba mu nkuru z'ivyakahise canke mu Vyanditswe, aho abantu bigeze babatizwa mw'izina rya Data,iry'Umwana n'irya Mpwemu Yera, atari mw'ishengero rya Katolika, kugeza mu giheca Maritino Luteri. Hanyuma ishengero ry'abaporoti...

38 Mu gihe turiko twinjira mu bihe vy'ishengero, ibi nimuvyumve neza. Ikibi cosecari muri iryo shengero rya mbere caraherererekanywe uko ibihe vyagiyebikurikirana. Kandi ivyo vyarabandanije kugeza aho uburuhiro vyose bizohereramu kureka Imana kudaseswa ku musi w'imperuka. Ikibi cose carabandanijegiherererekanywa kiva mw'ishengero kija mu rindi, kandi aho niho havuye utwotugwi twose. Co kimwe no mw'Itanguriro, uruzabibu rw'ikijakija rwatanguyegukura no kwinyegeteza mw'ishengero kugira ngo ruzokwigaragaze ku musiw'iherezo. Ntibitangaje ko Bibiliya ivuga ngo : «Hahirwa abazocika uwo musi. » Ego, abazocika ivyo bintu vyose!

39 Tukiriko turavuga ku Vyahishuriwe Yohana, nimusabe Imana ibibahishurire. Kukobimenyekana mu guhishurirwa gusa, kandi mushobora gukizwa biciye muguhishurirwa gusa. Murabifisemwo ubumenyi ariko ntimushobora gukizwa ivyomutarabihishurirwa : «Ntawovuga ko Yesu ari Kristo, atabivugishijwe na MpwemuYera.» Ni ko Bibiliya ivuga. Ntawovuga ko Yesu ari Kristo atarahabwa Mpwemu Yera. Ntawushobora kuvugaati : «Pasitori yarabivuze, Bibiliya yarabivuze. Ishengero rirabivuga.» Bavugavyo! Ni vyo; ariko mwebwe ubwanyu ntimushobora kubimenya Mpwemu Yeraatarabibahishurira, ataraza muri MWEBWE. « Ntawovuga ngo Yesu ni Kristoatabivugishijwe na Mpwemu Yera.» Ivyo ntibiva ku bumenyi canke ku bwenge.

40 Uburyo bagiye kuzokoramwo Bibiliya... Bagiye kuyihindagura kugira ngobagerageze kuyihuza n'ivyiyumviro vy'Abayuda, ivy'abakatolika n'ivy'abaporotikandi ataho bahuriye, nk'uko ataho ijoro rihuriye n'umurango. Nahora nibaza ntiAbayuda bo barabizi kurusha aho; ndibaza ko igihe cageze aho ivyo bitegerezwagushika, aho vyose bitegerezwa gushika kuri kwa kureka Imana guhambaye. Mwibukeko ivyo tudashobora kubihagarika, ariko ikintu conyene dushobora gukora niugukwiragiza Umuco, kumbure gushika twishwe, no kwigira kure y'ivyo bintu; nico conyene dushobora gukora. Benshi bategerezwa kubikora. Uko ni ko Bibiliyaimeze, co kimwe mbere n'ibintu turiko turajamwo. Ni ntiyubara na jewe nyenenzohagwa.

41 Igice ca mbere co mu gitabo c'Ivyahishuriwe Yohana gitangurira ku guhishurwakwa Yesu Kristo, maze kikatwereka uwo ari We. Yesu Kristo ni We Mana Ishobora Vyose. Turabizi. Ni bangahe bavyizera? Nimuvuge muti : «Amen!» [Ikoraniro ryishuye riti «Amen."—Umw.]Ni We Mana ishobora vyose, kandi ifise Izina rimwe.Iryo Zina, Yesu Kristo, ni ryo Zina ryonyene ryatanzwe musi y'ijuru, mushoboragukirizwamwo. Kubona bagira ubwoba imbere y'aho babatirizwa, ivyontibintangaza. Murabibona? Ni kubw'iyo mpwemu yinyegeteje uhereye muri ca gihec'ishengero rya Simuruna; kandi yagumye yinyegeza muri kirya gihe kirekirec'umwiza, maze ica ishiraho inyigisho yavyo, none iserukanye na yo muri inomisi ya nyuma. Ni murondere gusa muri Kahise na Bibiliya mu gihe turiko turigaibi bintu muri ino ndwi, maze muzobona ingene ivyo bizoshirwa ahabona.

42 Ubu rero, ibikurikira. Uguhishurirwa, Yesu yaguhayeYohana abicishije ku mumarayika, kugira ngo guhabwe nde? - Amashengero yiwe,kugira ngo guhishurirwe amashengero yiwe. Kandi za nyenyeri ndwi zari mukiganza zari intumwa ndwi zatumwe ku mashengero ndwi. Kandi uwuzoronka ubutumwawese, azoronka ubwo butumwa nyene, ari bwo Butumwa bw'ukuri bwatanguriye kuntango.

Ejo nitwavyinjiramwo cane kugira tubone ingeneImana yinjiye muri ivyo bintu; bizoba ari igitangaza. Ni ivyotuma muvuza akamon'umunezero! Narasoma hanyuma nkazunguruka gatoyi ndira, ngaheza nkagarukakwicara mu biro vyanje, hanyuma ngasubira nkagenda. Ndahimbawe cane no kuba nziivyo bintu! Mbega Imana yashoboye gute kuba Inyembabazi kugeza hiyo kugira ngoitwemerere kubona ivyo bintu muri kino gihe turimwo? Ni nk'igihe Yesu yavugaati : «Hari umuntu yagurishije ivyo yari afise vyose kugira ngo agureimaragarita.» Muriyambura ibintu vy'isi, mukayisubiza ivyayo, kugira ngo ivyomubironke. Ni vyo! Nimushingwe rwose kuri ivyo. Ni yo nanga y'ubugingo kugirabubone uguhishurwa kwo mw'Ijambo ryayo.

43 Turabona yuko uwurisoma wese aba ahezagiwe. Mbegasi vyo? Twabivuze muri kino gitondo : ni haba hari abadashoboye gusoma, havugwango : uwuryumva wese arahezagiwe. Gurtyo rero ivyo bitangurana n'Umugisha kubaryumviriza gusa iyo risomwa, kandi hariho umuvumo kuri buri wese azogeragezakuryungurako canke kurigabanyako ikintu. Namba Bibiliya ihishura ibitomoye yukoYesu ari Imana ishobora vyose, aragowe rero uwuzogabanya kuri ivyo. Ego! Niuguhishurirwa. Uwuzogira ico yungurako... Ni umugende ukwiye w'Uguhishurirwa;ni co Gitabo ca nyuma c'Imana, Amajambo yayo ya nyuma. Kandi uguhishurirwakwose kunyuranye n'Ivyo ni ubuvugishwa bw'ikinyoma; ubwo ntibuva ku Mana, kukoiki Gitabo ni Ukuri.

Kandi mwibuke yuko ari co Gitabo conyene co muriBibiliya Yesu Kristo ubwiwe yashizeho umukono. Nimuvyibazeko! Ico Gitaboconyene ni Uguhishurwa kwiwe nyene. Igitabo kimwe conyene yadomyeko ikimenyetsociwe bwite, kirimwo n'Imigisha yiwe n'imivumo yiwe. Umugisha ku bazomwakira,umuvumo ku

batazomwakira.

44 Ubu rero, turashitse mu kizinga ca Patimo kugiraduhere ku murongo w'icenda. Reka tubanze tuvuge durtya: Umutwe w'iki cigwaturaja kuwita Iyerekwa ry'i Patimo.Ivyo vyabaye hagati y'Umwaka wa 95 n'uwa 96 inyuma y'ivuka rya Yesu Kristo, mukizinga ca Patimo. Kiri hafi ku birometero 50 uja mu burengero uvuye kunkengera ya Asiya ya ruguru mu kiyaga Egeyo kibangabanganye n'ikiyagaMediterane, aharabana n'igisagara ca Efeso. Aho ni ho giherereye.

Ibaze rero! Akazinga kari ku birometero 50 uvuye kunkengera ya Asiya ya ruguru, mu kiyaga Egeyo. Neza na neza aharabanan'ishengero ry'i Efeso, aho ubutumwa bwa mbere bwavugiwe, Yohana akaba yariumwungere waryo. Mu yindi mvugo, aravye inyuma amasubiza mu buseruko, ubwonyene yaba aravye ishengero ryiwe, iryo yaturukamwo. Kandi ubutumwa bwa mberebwabaye ubw'ishengero ryiwe; iryo ryagereranya igihe c'ishengero. Iyerekwa reroryahawe intumwa Yohana ari we yari umwungere w'ishengero ry'i Efeso muri icogihe.

45 Mbega ibintu vyari vyifashe gute muri ico gihe? Icokizinga cari hehe kandi cari kimeze gute? Inkuru za kahise zitubwira yuko carikizwi nk'ikizinga kigizwe n'ibitandara vy'amabuye cuzuyemwo inzoka, sikoropiyo,imiserebanyi, n'ibindi; gifise inkikuro y'ibirometero 50, kandi kigizwen'ibitandara vy'amabuye vyinshi. Mu gihe ca Yohana, ryari ibohero rimeze nkaAlcatraz. Hari ahantu ubwami bw'Uburoma bwangariza abicanyi, abo bitashoboka kobaguma mw'ibohero; babashira muri ico kizinga kugira ngo bapfe, kandibabarekezayo kugeza bapfuye.

Ikibazo: Ni kuki Yohanayari ariyo? Umuntu w'Imana, umugororotsi, umuntu avugwa neza, umunyagihugumwiza yumvira amategeko, kubera iki uwo mugabo yari ariyo? Bibiliya iravuga iti: « Bampora Ijambo ry'Imana no gushingiraintahe Yesu Kristo.»

46 Ubu rero twerekanye ibiharanga vyose. Ni ikizingaca Patimo kiri mu kiyaga Egeyo, ku birometero 50 uvuye ku nkengera, gifise hafiibirometero 50 vy'inkikuro; kigizwe n'ibitandara vy'amabuye, cuzuyemwoimiserebanyi na za sikoropiyo, kandi kigakoreshwa nk'ibohero (nka Alcatraz).Aha iwacu, iyo dufise inkozi y'ikibi karuhariwe ku buryo tudashobora kuyigumizamw'ibohero, duca tuyirungika i Alcatraz.

Aho ni ho bari bashize uwo mweranda, iyo ntumwaYohana, uwa nyuma muri ba bigishwa ari na we wenyene yishwe n'urupfu rusanzwe.Yohana, imbere y'uko aja muri ico kizinga yagirizwa uburozi, kandibaramucaniriye mu ngunguru y'amavuta mu kiringo c'amasaha 24 birabananirakumuturira. Ntimushobora gukura Mpwemu Yera mu muntu ngo ni uko mumuturiye kukoMpwemu Yera ari Imana ubwayo! Baramucaniriye mu kiringo c'amasaha 24 mungunguru y'amavuta, ariko ntiyagira ico amugira. Kandi Abaroma basiguye ivyobavuga ngo yari umurozi ni co gituma yaroze amavuta. Ivyo ni vyo abanyamubiribashobora kwibaza!

47 Igihe batwita abasomyi b'ibiri mu mitima y'abantu, bakamenyi, na Beyezebuli, murabona iyo mpwemu yazananye? Ariko murabona kandi iyoMpwemu w'ukuri yazananye? Nawe nyene yagumyeho mu bihe vy'ishengero!Murabitahura? Yinitswe amasaha 24 mu mavuta abize, kandi ivyo ntivyagira icobimugira! Oh, Imana yari yamushizemwo ibirindiro vyayo biciye kuri Mpwemu Yerawayo! Igikorwa cayo nticari bwarangire!

Bamushize muri ico kizinga amarayo imyaka ibiri.Kandi mu gihe Imana yari yamushize ku ruhande, niho yandika igitaboc'Ivyahishuriwe Yohana, nk'uko Umumarayika w'Umwami yagenda abimuhishurira.Kandi aho amariye kukirangiza, yaciye agaruka mu gihugu aba umwungerew'Ishengero ry'i Efeso. Hanyuma intumwa Yohana yarapfuye aca ahambwa iEfeso.

48 Oh, mbega ukuntu ibirimuri iyo nkuru ya kahise bihura! Ni uko! Iryo shengero ryariko rica mu ruhamoruhambaye, maze Yohana yandika ku murongo w'icenda ngo :

«Jewe Yohana,mwene So, musangiy'amarushwa n'ubwami no kwihangana biri muri Yesu, nari kukizinga Patimo co mu kiyaga, bampora Ijambo ry'Imana no gushingira intahe Yesu.»

Mu yindi mvugo, yarafata Ijambo ry'Imana akerekanako ari Ijambo ry'Imana, kandi Kristo yaragaruka agashinga intahe abicishijemuri we, maze akemeza yuko avuga ukuri. Ni ivyo. Ijambo ry'Imana ririkoriragaragazwa muri we ryerekana ko yari umukozi w'Imana. Ivyo ntibari gushoborakubiharira, niko rero guca bamufata nk'umurozi. Ngo «yaroze amavuta kugira ngontihagire ico amugira, yaroze abantu maze ntibakira; we ni umupfumu gusa adashoboye...ni umugizi wa nabi, impwemu mbi, impwemu ihumanye.» Kandi ni co catumyebamushira hariya, bibaza ko yari abangamiye abantu. Ariko yariko ashitsaukugomba kw'Imana gusa, kandi ivyo vyose Imana yari ibifisemwo umugambi.

49 Muri uko guhamwa kwose, abera bama baza aho arikugira ngo bamubaze ibibazo bati :

«Oh, mwene Data Yohana, tugire dute ku bijanye n'ibin'ibi? Tugire dute?»

Yohana yari uvugishwa n'Imana, turabizi; ni cogituma bamubaza ivyo bibazo, kandi Imana yakoze

uburyo bwose kugira ngo ubwamibw'Uburoma bumufate bumushire kuri ico kizinga. Hanyuma iravuga iti : « Uburero ngwino Yohana, nkwereke ibigiye kuba.» Yohana ni we yari asigaye muri zantumwa, ni we wenyene yari asigaye wo kwandika ivyo bintu. Baca bamwangariza kukizinga ca Patimo, kuva muri gushika mu 96 inyuma y'ivuka rya Yesu Kristo.Yaciye ahandikira Ivyahishuriwe maze aravuga ati: «...jewe mwene So, musangiye amarushwa...»

Ngaha, ntavuga vya vyago bihambaye. Ntivyari vyavyago bihambaye, ivyo ntibizoshikira Ishengero. Vya vyago bihambaye bizoshikiraAbayuda, ntibizoshikira Ishengero. Ntivyari rero vya vyago bihambaye.

50 Ubu naho, Umurongo w'icumi : «Ku musi w'Imana nari muri Mpwemu numva inyuma yanje ijwi rirenga,nk'iry'inzamba...» Nari muri Mpwemu kuMusi w'Umwami…

Nta ciza na kimwe mushobora gukora mutabanjekwinjira muri Mpwemu; Imana ntishobora kubakoresha. Igihe cose mudakorera muriMpwemu utwigoro twanyu twose tuba ataco tumaze. «Namba noririmba nzoririmbiramuri Mpwemu... Namba nosenga nzosengera muri Mpwemu », niko Paulo avuga. Nambahari ikintu mukoze kikaba ari ciza, ico gitegerezwa kuba cahishuwe na Mpwemukikemezwa n'Ijambo, maze kikagaragazwa n'ibikivuyemwo.

51 Canke, mu yindi mvugo, hamwe muvuze ko Yesu Kristoyasezeranye mw'ijambo ryiwe ko ndamutse nihanye maze nkabatizwa mw'Izina ryaYesu Kristo nzohabwa ingabire ariyo Mpwemu Yera, ikintu ca mbere ntegerezwagukora ni ukwihana. Nahishuriwe ko ari ukuri; hanyuma mbatizwe mw'Izina ryaYesu Kristo; aho rero ikizovamwo ni uko nzohabwa Mpwemu Yera.

Namba ngwaye, yaransezeraniye ko ninizera mazeabashingantahe b'Ishengero bakansiga amavuta maze bakansengera, isengeshorifatanije n'ukwizera rizokiza umurwayi : « Mwami, ndizera. Nkurikira ivyowageze; umushingantahe w'Ishengero nansengere, kandi ansige amavuta.» Ivyobirarangiza ikibazo. Genda! Vyose biratunganye.

52 Muvuga muti : «Oh! Ariko sinumva ko hari na gitoyicahindutse». Yesu, igihe Imana yamukerera isi itararemwa... Yari umwagaziw'intama w'Imana wakerewe isi itararemwa, kandi mu ciyumviro c'Imana vyari vyaramazegukorwa. Naje si ho nari ndi, eka na mwebwe; yamara namba amazina yacuyanditswe mu Gitabo c'Imana, ni uko yanditswe isi itararemwa.

Iyo Imana ivuze ikintu, ico gitegerezwa kuba. Ni cogituma, iyo mukwije ibisabwa n'Imana, mwibuke gusa ko Imana izokwigaragazakandi ikitwararika n'ibisigaye; nimutere imbere nk'aho ivyo vyaba vyaramazegukorwa. Oh, mbega si ivy'igitangaza? Vyiyumvire! Mubwire gusa Imana...Imanayaravuze iti: «Ukore ibi, nanje nzokora ibi». Rero, ninakora ibi, itegerezwagukora ibi!

90Yamara Satani aravuga ati : «Urabona, iratebeje!»

53 Ivyonta co bihindura ! Igihe kimwe Daniyeli yarasenze, kandi kugira ngo umumarayikaamushikire vyafashe imisi mirongo ibiri n'umwe, ariko ntiyacitse intege; yariazi ko uko biri kwose azoza, gurtyo yararindiriye kugeza aje. Ni ivy'ukuri! Nivyo biba iyo mufise ukwizera. Yamara reka ibi bintu tubireke, atari aho nahoduca tuja buno nyene mu gikorwa co gusengera abarwaye. Si vyo? Ego, ukwizera.Ariko ico dushaka ni igikorwa co gukiza ubugingo kugira ngo dukize imbere kukonibwo bugumaho iyo mufise ubugingo budashira. Ubugingo budashira ntibuzimangana canke ngo busaze, bugumaho kandintibuhinduka.

54 Rero Yohana yajanywe muri Mpwemu imbere y'ukohagira ikiba. Imbere ya vyose yari mu kizinga citwa Patimo, kubera ivyo bintuvyose yari yarakoze, maze avuga ati : «Numva ijwi », n'ibindi vyose. Arikoimbere ya vyose yabanje kujanwa muri Mpwemu. Kandi kumbure mwabonye ko muriBibiliya zanyu Mpwemu ritanguzwa urudome rukuru. Ni Mpwemu Yera. Amen. Yajanywemuri Mpwemu. Oh, nibaza ko bitangaje !

«Ku musiw'Umwami nari muri Mpwemu… »

Umusi uwuhe ? Umusi w'Uhoraho. Tugeze ku kintu benshi badahurizako. Arikotubanze tubireke gato.

Nk'uko twabivuze mu gatondo, bamwe bavuga yuko uguhishurirwa kwo muri Matayo 16: 13-20 kwavuga kuri « Petero ». Ishengero Katolika rivuga ngo : « Yubakiyeishengero ryayo kuri Petero ari we yabaye Papa wa mbere ! » Yari gushobora gutekuba Papa kandi yari yubatse ? Murabibona ? Rivuga kandi riti : « Peteroyaragiye i Roma kandi niho yahambwe. » Nyereka rero ahantu mu nkuru za kahisecanke ahandi havugwa yuko Petero yigeze aja i Roma. Paulo yaragiyeyo, ariko Petero ntiyagiyeyo.

55 Twarabonye yuko izo nyigisho zose bo n'ivyo bintu vyari bimaze kwinyegeteza.Yamara aho muja hose, muzokwama musangayo urusengero runini canke urundi rurikoimisumari yoba yari ku biganza vya Yesu. Murazi kino gihe imisumari bafise ukoingana, imisumari « y'ukuri », uyu musi ? Cumi n'icenda ! Barafise amagufa,barafise udusigarira tw'umwambaro, barabikorako kandi bakabikoresha. Yamaratwebwe, ivyo bintu ntavyo dufise ntitubikeneye, Kristo ni muzima ! Ari muritwebwe ; si imisumari kanaka canke

uduce tw'imyambaro canke tw'amagufa, cankeikindi kintu. Ni We Mana nzima, iba muri twebwe ubu, ikongeraikiyerekana. Dufise icibutso kimwe gusa, ni Ingaburo y'Umwami, ukwibuka urupfurwiwe. Ariko ku vyerekeye Kristo ubwiwe, ari kumwe natwe kandi ari muri twebwe.Kandi ivyo ni vyo dushaka kwerekana imbere y'ab'isi : Ubwiza bwa Mpwemu Yera.Kumwerekana kugeza Umuco userutse. Ni uko.

56 Gurtyo, i…Rero, murabona, twamaze kuva mu vyotwarimwo. Murazi yuko namye igihe cose ngerageza kuba nk'uko Umwami yamyeampishurira : hariho impande zibiri, yamara hagati na hagati ni ho hari Ukuri. Mwarabonyeyuko Yesaya avuga yuko hazobaho inzira y'iroro ? (Yesaya 35). Kandi muribukaingene bene Data bakundwa b'Abanazareye bari bamenyereye kuririmba iyindirimbo, ngo : « Inzira y'iroro yera. Inzira y'iroro yera.» Nimwasoma nezaBibiliya yanyu, ntivuga ngo : «Inzira y'iroro yera ! » : ivuga [Muri Bibiliya zimwe zimwe zahinduwe mu zindindimi - U] ngo : « Kandi hazoba ibarabararinini bo n'akayira, kandikazokwitwa… (ntizokwitwa inzira y'iroro yera ariko :)... akayira kera !

Murabona, ibarabara rirubakwa, akayira… Iyoibarabara ryiza ryubatswe, ahantu hataramutse kurusha ahandi haba hari hagatina hagati, kugira ngo amazi mabi atembere impande n'impande. Ni uko. Iyo umuntuaje kuri Kristo vyukuri, amaso yiwe aba atumbereye kuri Kristo. Iyo amezenk'uwufise umutima uri hejuru azoca apfa gukurikira. Iyo ameze nk'uwukonje,azosanga ari ku rundi ruhande, akanye nk'ikonkombure, ku rundi ruhande,murabona, ni ubwenge bwiwe yishimikiza. Yamara ikintu nyamukuru ni uguhagararahagati na hagati mw'ibarabara, mufise Mpwemu Yera akwiye muri mwebwe kugiraabazigame mubira kandi muri bazima. Amen! Muzi ibikwiye kugira mugume mwumviraMpwemu, kugira ngo mutere intambwe iyo Mpwemu ateye intambwe, mutamwitangiraimbere canke ngo mumuje inyuma, ariko neza na neza iyo Mpwemu yunguruje.

57 Ishengero Katolika rivuga riti : « Uguhishurirwa niPetero. »

Ishengero ry'abaporoti rivuga ngo : « Ni Kristo !»

Yamara Bibiliya yigisha yuko ari «Uguhishurwa kwa YesuKristo Imana yahaye Petero »

« Uri Kristo,Umwana w'Imana nzima. »

« Ur'umuhirwe, Simoni mwene Yona, kukw'ata w'inyaman'amaraso yabiguhishuriye, si umuntu, si iseminari, canke ikigo c'abapatiricabikwigishije. Ariko ni Data wo mw'Ijuru yabiguhishuriye, kandi uri Petero,kandi kuri urwo rutare nzubakakw'Ishengeroryanje kand'amarembo y'i kuzimu ntazorishobora.»

58 Ubu tugeze ahantu handi hari ivyiyumviro bibiribitandukanye. Ndashobora kwihenda, ndamutse nihenze, Imana imbabarire! Arikongira mvuge ibinyuranye n'ivy'aba Adivantisite b'Umusi w'indwi bavuga yuko «Yohana yajanywe muri Mpwemu ku musi w'indwi, ari wo musi w'Umwami ». Bene Databenshi b'Abaventisi b'Umusi w'indwi bemeza yuko ico bita umusi w'Imana wari wamusi w'isabato. Umusi w'iyinga ari wo mus iwa mbere, ishengero rya gikristoriwita umusi w'Imana. Kandi turabona yuko ishengero gikristo n'uyu musi, nacane cane abaporoti bafata umusi w'iyinga nk'umusi w'Imana. Ntibihujen'Ivyanditswe muri Bibiliya, Umusi w'iyinga wari umusi wa mbere w'imisi indwi,ariko si wo wa musi w'Imana. Kandi si n'umusi w'indwi ari wo sabato.Ntibishoboka ko woba ari umwe muri iyo misi, kuko Yohana vyamusavye imyakaibiri kugira ngo yandike Ivyahishuriwe Yohana. Aho habamwo imisi y'indwi myinshibo n'imisi ya mbere myinshi!

59 Bibiliya, Ivyahishuriwe Yohana, vyanditswe kuva mu95 gushika mu 96 inyuma y'ivuka rya Yesu Kristo ni ukuvuga mu kiringo c'imyakaibiri. Wari wa musi w'Uhoraho. Umusi w'Uhoraho uri n'ico usigura neza na neza,kandi wari uwo nyene. Yohana yajanywe muri Mpwemu ashika mu musi w'Uhoraho. Uyumusi ni umusi w'umuntu, ariko Umusi w'Uhoraho ugiye kuza. Mu Vyanditswe vyosetuzobona yuko yari mu musi w'Uhoraho, yajanywe muri Mpwemu atwarwa mu Musiw'Uhoraho. Amen! Ni ivy'ukuri. Murabona, yari mu musi w'Uhoraho. Bibiliyairavuga ivy'uwo musi w'Uhoraho. Turaja kubishikako mu kanya kari imbere; harihoimirongo myinshi ijanye n'ivyo.

60 Imbere ya vyose, ko turiko turabivugako, umusiw'isabato si ukwitondera umusi kanaka. Nta cagezwe na kimwe dufise cokwitondera umusi wa gatandatu nk'isabato. Mw'Isezerano rishasha nta cagezwe nakimwe dufise co kwitondera umusi wa mbere w'imisi ndwi nk'isabato. Bibiliyairavuga mu Baheburayo igice ca kane ngo : « Kukw'iyabaYosuwa yarabaruhuye, ntiba yaravuze ubwa nyuma ivy'uwundi musi. » Niivy'ukuri. Ariko ntikibuza ko hakiriho uburuhukiro, canke kwitondera isabato kubantu b'Imana. Kuko twebwe twizeye, twarinjiye na twebwe mu buruhukiro bwayo,turuhuka ibikorwa vyacu nk'uko Yohana yaruhutse ivyiwe.

61 Murabona ivyo bintu? Oh ! Umwami ahimbazwe !Ndatanguye kwumva ko merewe neza vyukuri, numva najanywe ahandi hantu.

Mumenye yuko, umusi w'isabato… Imana yaremye isimu misi itandatu, maze ku musi ugira indwi iraruhuka ntiyaheza ngo igarukekurema iyindi si. Niko rero guca ibaha uwo musi nk'icibutso. Yamarantimushobora kuyitondera ubu, kuko iyo mwitondeye isabato ino, ku rundi ruhanderw'isi haba ari ku w'iyinga. Murabibona? Ivyo bitwereka yuko vyari bigeneweihanga kanaka, ahantu kanaka, igihe kanaka, vyari ivy'ab'Isirayeli. Yamara kubantu b'Imana haracasigaye isabato yo kwubahiriza. Ndasoma mu

Baheburayo 4 :

«Kuko twebweabizeye dushika mur'ubgo buruhukiro, (ndikonsubiramwo Abaheburayo, igice ca 4 ) ….nahoyari yarahejeje ibikorwa vyayo, uhereye ku kuremwa kw'isi.

Kuko har'ahoyavuze ku vy'umusi w'indwi nk'ibi,

Yongeragutoranya umusi, ni wo uyu musi ; ivugira mu kanwa ka Dawidi,….(mwebwe mwandika, Abaheburayo igice ca 4)

Yongeragutoranya umusi, ni wo uyu musi ; ivugira mu kanwa ka Dawidi It' uyu musiaho mwumvira ijwi ryayo, Ntimukomantaze imitima yanyu.

Kukw'iy'abaYosuwa yarabaruhuye (umusi), ntiba yaravuze ubga nyuma ivy'uwundi musi.

Nuko reroharacariho uburuhukiro bw'isabato bubikiwe abantu b'Imana »

62 Ijambo « Isabato » ni ijambo ryaturutse hanze ;risigura « uburuhukiro ». Ni ijambo ry'igiheburayo risigura umusi «w'uburuhukiro » ; umusi w'isabato ni umusi badakora ; ni umusi w'uburuhukiro.

«Kukw'iyabaYosuwa yarabaruhuye, ntiba yaravuze ubwa nyuma ivy'uwundi musi.

Nuko reroharacariho uburuhukiro bw'isabato bubikiwe abantu b'Imana.

Kuk'ushitsemu buruhukiro bwayo, nawe aba aruhutse ibikorwa vyiwe, nk'ukw'Imana yaruhutseivyayo. »

Twarinjiye mu Buruhukiro ntidukwiye kwamatubujamwo uko indwi itashe. Yesu, ariko aravuga muri ya mahirwe yavuze ati : «Mwarumvise ko aba kera babwiwe ngo : « Ntukice » : Ndababwira yuko umuntu wesearakira mugenzi we ata mvo aba ari umwicanyi. Mwarumvise ko aba kera babwiwengo Ntugasambane. Ni icagezwe. Ariko ndababwira ko umuntu wese araba umugoreakamwifuza aba amaze gusambana na we mu mutima wiwe. » Mbega ni vyo?

63 Gurtyo ivyo bintu vyose vyari ivyibutso,ibimenyetso bisanzwe, ibitangaza, mu kurindira yuko igihe c'ivy'ukuri gishika.Yamara Yesu, amaze kuvuga ivy'amahirwe, aca avuga muri Matayo 11 ati :

«Nimuze kurijewe mwese abananiwe n'abaremerewe, ndabaruhura ; Mwikoreze ingata yanje,munyigireko ; kuko nd'umugwaneza, niyoroheje mu mutima ; namwe muzoronkauburuhukiro bw'imitima yanyu. »(Ni mwaba mwakoze umusi umwe, imisi cumi, imyaka itanu, imyaka mirongo itatun'itanu, imyaka mirongo itanu, imyaka mirongo icenda, maze mukaba murushe,mudendebukiwe, nimuze kuri Jewe, ndabaruhure. Ndabakurako uwo mutwaro w'icahawose, Ndinjira muri mwebwe maze ndabahe uburuhukiro bw'agahore n'uguhazwakw'agahore.)

64 Yamara ubwo buruhukiro ni iki ? Tuvyihweze mu mwanya mutoyi kugira ngo tuboneivyo ari vyo. Bamwe bavuga ngo : « Niiyo mwifatanije n'ishengero.» Oya. « Niiyo mwiyandikishije mu gitabo cacu » Oya ! « Nuko, ni uburyo kanaka bwokubatiza mu mazi. » Oya ! Dushire ibintuahabona maze tubone ubwo ari bwo. Murashaka ko ivyo tubikora ubu, mu gihe turindiriye? Turaja kubona aho Yohana yajanywe, umusi yagiyemwo uwoari wo.

Igihe Yesu yapfira kw'isi, igikorwa ciwe kirangiye, hari ahantu yaciyeyinjira.

65 Tugaruke muri Yesaya igice ca 28. Dusome duhereyeku murongo wa 8 (Uvugishwa n'Imana abivuga hasigaye imyaka amajana indwi nacumi n'ibiri imbere y'uko bishika). Ni bangahe bashaka kumenya isabato y'ukuriiyo ari yo, ari bwo buruhukiro bw'ukuri ? Uwo muvugishwa ni we abivuga ngaha,kandi ngira ndabereke aho bubera. Yesaya 28 : 8.

« …yose(Uvugishwa n'Imana avugishwa ibiriko bishika uyu musi)… kuko ameza yose yuzuyekw'ibirutsi n'ishishi (abaja ku ngaburo yera,bakanywa itabi, bakabesha, bakiba)… atahantu hasigaye. Uyo azokwigisha nde ubwenge? … » (Uyu musi ni ndebokwigisha ukumenya?)

66 Ni bangahe bumvise Billy Graham uno musi? Yariinyigisho nziza cane aho yerekanye ingene umuntu ashobora kwizera ikinyoma,ndetse akitsindanishiriza akibaza yuko ashitsa ibigororotse. Yavuga ko arikoabantu bo muri Amerika bakora, iyo bemeye iki civugo ngo : « Akayungiro kumuntu yiyumvira, n'isigareti ku munywi w'itabi » ; uko ni ko abantu bemerakimwe mu binyoma vy'umugwanizi, kandi aho kuvyanka, baca binjiza ivyo bintu mumahaha yabo. Ntibagira ubwenge. Akayungiro k'umuntu yiyumvira, ico ntikibaho! Umuntuafise ubwenge ntanywa iyo micafu!

Hariho n'iki civugo ngo: « Nta handi hari Ubugingoatari muri Oertel 92 », canke ikintu nk'ico. Nta handi hari Ubugingo atari muriKristo: ni We Bugingo nyakuri! Ni igiki gituma abagabo n'abagore banywa ico kinyobwa?Bagerageza kuzimya iyo nyota iri muri bo kandi Imana yayibashizemwo kugira ngoabe ari Yo banyoterwa; none bagerageza kuyizimisha ibintu vyo mw'isi. Nicogituma tubona ivyo bintu. Ni co gituma

abantu bakora gurtyo, ni kubera yukobagerageza kuzimya iyo nyota y'Imana iri muri bo, ariko umurwanizi abaha urupfumu gishingo c'ubugingo.

« … Ameza yose yuzuyeko ibirutsi ».

67 Abantu bomu mashengero n'abandi bose bavuga kuri ivyo ngo: « Kwiryohera buhoro buhoroataco wiyagiriza nta kabi.» Ivyo ntibibaho!

Uyoazokwigisha nde ubwenge? Kandi azotahuza ubutumwa nde ? Mbega n'abacutsen'abavuye kw'ibere ? … (Ubuntitukiri inzoya)…

Kukw'ivyiwe ar'ibwirizwa ku rindi, ibwirizwa ku rindi,n'umurongo ku wundi, umurongo ku wundi, hamwe tumwe ahandi utundi.

Noneho rero Uhoraho azovuganira n'ubu bwoko mu kanwakatumvikana no mu Rurimi rundi ; aribwo yari yarabariye, at'Uku ni kwo… (Iki ? Kwitondera isabato?) kuruhuka,mureke urushe aruhuke ;…(Nimuze kuri Jewe, mwese abarushe n'abaremerewe!)…nimurekeurushe aruhuke ; aha ni ho buruhukiro:

ariko banka kwumva.»

Ivyo vyashitse ryari? Hashize imyaka amajana ndwina cumi n'ibiri, kuri wa musi wa Pentekote, aho iminwa y'abigishwa yatangurakuvuga ibitumvikana, bose buzuye Mpwemu Yera baca batangura kuvuga mu zindindimi ; Mpwemu Yera aca afata mu minwe ubugingo bwabo maze ahagarika ibikorwavyabo vy'isi. Ico gihe niho binjira mu Buruhukiro muri Kristo. Paulo avuga mugice ca kane co mu Baheburayo ati: « Twebwe abinjiye mu buruhukiro bwayo, twaruhutseibikorwa vyacu vy'isi, twarinjiye mu buruhukiro bwayo, nk'uko umusi umwe Imanayaruhutse ibikorwa vyayo vy'ukurema. Yarinjiye mu buruhukiro bwayo, kandi natwetwinjirana na Yo iyo duhevye ibikorwa vyacu vy'isi.» Ng'iyo isabato y'ukuri!

68 Gurtyo rero, Paulo yajanywe muri iyo Mpwemuy'isabato maze atwarwa na Mpwemu Yera gushika mu musi w'Uhoraho.

Kubera iki dufise intambara? Kubera iki dufise imivurungano?Kubera iki ihanga rihagurukira irindi hanga? Yesu yaraje, We, Umukuruw'Ubugingo, maze baca baramwica.

Mu ndwi nkeya, canke mbere muri iyi misi iriimbere tugiye kubona hashika umusi mukuru wa Nikola mweranda, n'udukokobashushanya, n'udukengeri bavuza, bo n'ivyo bakoresha mu gushariza biba bimanitsehose ; ni umusi mukuru w'igipagani ! Ni icagezwe Katolika yemera. Abantubakoresha amahera menshi kandi bagahanahana utuganuke; ivyo vyose niivy'igipagani. Noweli ni umusi wo gusenga.

69 Mbere Kristo ntiyavutse ku wa 25 z'ukwezi kwa 12.Ivyo ntivyari gushoboka. Namba mwarigeze kuja i Buyuda, imisozi iba ifunitswen'Urubura, harusha ino kuba habi. Yavutse mu kwa kane, igihe ibidukikije vyosebiba bitotahaye.

Yamara ni wo mugenzo wabo. Noneni kuki dukora ivyo bintu ? Kuko dukurikiza imigenzo y'abantu aho gukurikizaivyagezwe n'Imana, mu gihe ikintu nk'ico mu vy'ukuri ata kamaro gifise. Yamarabawugize akaryo ko kudandaza. Birababaje ! Birateye isoni gukora ivyo bintu !Umusi mukuru w'igipagani ! Nikola mweranda ahuriye he na Yesu ? Inkwavu zaPasika, imiswi, amagi asize amabara bihuriye he n'ukuzuka kwa Yesu Kristo ?Ntimubona ingene abadandaji…

Igituma badandaza birya bitabo bibi vya Rock'n Roll, arya masanamu y'ubuyobe,n'ivyo bintu vyose biteye isoni, ni kubera ko muri kamere y'abantu harimwokwifuza ubwo bupfu. Ni kubera ko mu mitima yabo hariyo ikintu kitari co :ntibigeze binjirana n'Imana muri bwa buruhukiro kugira ngo bahebe ivyo bintuvyose. Iyo binjiye muri ubwo buruhukiro maze bagahabwa Mpwemu Yera, aho rerobaba basezeye isi n'ivyayo!

70 Imana yaramujanye. Oh ! Sinibaza yuko yajanywe nka Paulo mw'Ijuru rya gatatuaho yabonye ibintu bitovugwa. Mpwemu Yera w'igiciro kinini yarabinkoreye haciyeindwi nkeya, ngaha, anyereka… Mu yindi mvugo naratinya urupfu ; maze MpwemuYera arandugana aca anyereka ivy'ari vyo. Mwarumvise intahe yanje. Mazekugaruka rero, narashobora kuvuga nti: «WaRupfu we, uruboyi rwawe ruri he? » Narajanywe kugira ngo mbone ivyari hiryay'igihuzu. Yarandetse ndagaruka kubabwira yuko hariya hakurya, tutazoba turiimizimu canke impwemu ariko tuzoba turi abagabo n'abagore, bari mu buto bwabo,batazokwigera bapfa, batazokwigera barwara ; hariya hakurya, hirya y'igihuzu.Urupfu nta kindi rushobora kubagira atari kubashikana aho hantu.

71 Rero Yohana yajanywe muri Mpwemu akurwa ku kizinga ca Patimo ashikanwa mu musiw'Uhoraho. Uyu musi ni umusi w'umuntu, abantu bararwana ; ariko Umusi w'Uhorahoni washika, ubu bwami buzoba ubwami bw'Umwami wacu n'ubwa Kristo wiwe, kizobarero ari ca gihe ciza cane ca ya nganji y'imyaka igihumbi. Umusi w'Uhoraho,umusi wo kuza kwiwe, w'urubanza rwiwe, uwo ni wo musi w'Uhoraho.

Uyu musi ni umusi w'umuntu ni co gituma babaterera hanze bagaca babafata ukobashaka, ariko

hazoza igihe… Uyu musi babafata nk'abasazi n'abakavya, yamaraigihe kizoza aho batazosubira kubikora. Bazoboroga barire maze bikubite kubirenge vyanyu. Bibiliya iravuga muri Malaki 4 ko muzonasiribanga n'umunyotawabo bamaze gutongorwa ; nta n'agashitsi canke agashami kabo kazosigara. Neza naneza ni vyo Bibiliya ivuga, ngo : « Abagororotsi bazosiribanga umunyotaw'abanyakibi. » Ni ukuri. Nta n'agashitsi canke agashami bazosigarizwa,ntibazoba bacibukwa. Bazorandurwa. Uyu musi rero ni umusi w'umuntu (imikorerey'umuntu, ibikorwa vy'umuntu, ishengero ry'umuntu, ivyiyumviro vy'umuntu,yamara Umusi w'Uhoraho uraje.

72 Rero yajanywe muri Mpwemu mu musi w'Uhoraho.Ikintu ca mbere yumvise aho yajanwa muri Mpwemu mu musi w'Uhoraho… Dusomeumurongo wa 10.

...Ku musiw'Imana nari muri Mpwemu, numva inyuma yanje ijwi rirenga, nk'iry'inzamba…

Ubu ntihagire umugani n'umwe uturengana. Namba dutegerezwa kubigarukako ejo,tuzobigarukako. Hagire uwuguma araba isaha kugira ngo sindenze igihe.

Ni uko ! « Muri Mpwemu ku musi w'Uhoraho» Ubu muribuka ikintu ca mbere mutegerezwa gukora ? Kwinjira muri Mpwemu !Mbega uku guhishurirwa kwobashikira gute ? Nimwinjire muri Mpwemu ! Nonemuzoshobora kuronka Mpwemu Yera gute ? Mu kwinjira muri Mpwemu ! Nimwinjiremuri Mpwemu !

Igihe wari ukiri umunyavyaha maze ukaja gutamba, warinjira mu mpwemu yogutamba, yoo, waratangura ugakoma amashi, ukadida ibirenge hasi, hanyumaukavuza urwamo, ugata inkofero hasi, ukiruka uva aha uja aha, ukagira ubwobugugu bwose. Waba uri muri iyo mpwemu. Iyumvire umuntu arimwo idayimoni yogutamba, yinjiye mu nzu yo gutambiramwo ; akabona umuntu yinjiwemwo canen'ivy'intambo ariko aratamba, agaca amubwira ati :

«Usan'uwuryohewe !»

«Oh»yoca akwishura ati : « Wewe niwaba waje kurorera abatamba va ngaha ugende.»

73 Ugiye kurorera umupira ; hakagira uwinjiza igitsindo canke akagira ikintu akoragikomeye. Wewe ukaguma wiyicariye ukavuga uti : « Aho rero, nibaza ko bitaribibi cane.» Ivyo vyerekana ko utarinjirwamwo cane n'ivy'inkino, nturi mu mpwemuy'urwo rukino ! Yamara iyo igitsindo cinjiye, ugaca usimbira hejuru ugatanguragusemerera uti : « Neza cane, twatsinze. » ivyo ubikoze ugasanga wambuyeinkofero umuntu, ntawuzogira ico akuvugisha.

Mw'ishengero iyo mwinjiye muri Mpwemu mugahaguruka maze mukavuga musemereramuti : « Icubahiro kibe ic'Imana ! Haleluya ! Umwami ashimwe!»

Kumbureuwicaye i ruhande yanyu azovuga ati : « Ese umusazi araho » (Oh, mwene Data Wood…)

Ngira ndababaze ikibazo. Namba twebwe turi abasazi bera kuko dukora ivyo, boborero hariya ni abasazi bahumanye.

Noshimakwibera umusazi asara mu vyera hako mba umusazi mu bihumanye. Koko ! Abasazibahumanye !

74 Yajanywe muri Mpwemu. Yinjira muri Mpwemu ; niho rero hatangura kuba ibintu.Kandi mu gihe yari aho, yarumvise inzamba. Inzamba yama ibura ikintu cegerejekuba. Iyo umwami agira ashike, bavuza inzamba. Iyo Yesu yegereje, baravuzainzamba. Iyo Yosefu asohotse baravuza inzamba. N'ubu hariho ikintu kigiye kuba.Yohana yari muri Mpwemu, maze yumva inzamba ; niho rero yahindukira kugira ngoarabe ikiri inyuma yiwe igihe yumva inzamba amaze kujanwa muri Mpwemu.

75 Kumbure ko yatamvye, agasimba, akiruka azunguruka ico kizinga. Yari mu bihevyiza cane, kuko yari muri Mpwemu ! Ivyo murashobora kubibona nk'aho ariugutuka ivy'Imana, ariko siko jewe ndavyumva. Birashoboka ko yifashe uko. Egobishoboka ko yifashe gurtyo. Ndizera ko yari mu bihe vyiza cane muri Mpwemu,ashimira Imana gusa, kuko ni na co nyene cashitse igihe Mpwemu yaza ku bigishwaubwa mbere. Igihe Mpwemu Yera yabazako, baradandabagiranye nk'abagabo n'abagorebaborewe, bakora nk'ababorewe, bavuga imvugo itumvikana gushika naho abantubavuga bati : « baborewe igisama ! » Uko niko bigenjeje ubwa mbere, kandiMpwemu Yera aramutse agarutse, kumbure yokora nka kwa kundi nyene. Murabibona ?Nta gishasha kiri muri ivyo mu vy'ukuri ni idini rya kera. Nta nkeka !

76 « …njanwa muriMpwemu ku musi w'Imana » Ubu rero turatahuye !None yaciye akora iki ? Yaciye ajanwa muri Mpwemu akuwe kuri ico kizinga ashikamu musi w'Uhoraho. Kandi akijanwa mu musi w'Uhoraho yaciye yumva inzamba.Vyariibiki ? Hari Uwariko aregereza. Hari uw'Ubwiza yariko aregereza. Inzambayaravuze, hari uwaciye aza ; aca araraba ! Haleluya Inzamba:

Avugaati Ndi Alfa na Omega, uwa mbere n'uwanyuma… (ntavuga umuperesona wa kabiri canke wa gatatu mu butatu, yamara niUmuperesona umwe) Ndi Alufa na Omega… (imbere y'uko ngira ico ndakwereka,ngomba ndakumenyeshe uwo ndi We !)

Uguhishurirwa guhambaye kuruta ukundi kwose, ni ukw'Ubumana bukuru bw'Umwamiwacu Yesu Kristo. Ntimushobora gutangura mutarizera ivyo. Ni co gituma Peteroyavuze ati : « Nimwihane ; hanyuma mubone Imana. Nimubatizwe mw'Izina ry'UmwamiYesu Kristo kugira muharirwe ivyaha vyanyu, aho rero muzoba mwiteguriyekwinjira muri Mpwemu. » Ikintu ca mbere mukwiye kumenya ni Ubumana bwa Kristo.«Ndi Alfa na Omega ! Kuva kuri A gushika kuri Z, ni Jewe, kiretse Jewe ntayindi iriho. Ubwa mbere na mbere nariho, no kw'iherezo nzoba ndiho. Ndiiyamyeho, iriho, kandi igira ize, Ishobora vyose. » Vyibazeko! Niko inzambayavuga.

77 Yohana wiyubare ! Winjiye muri Mpwemu, hari ikintu ugira uhishurirwe. Ni igiki? Ubwa mbere, inzamba iravuga. « NdiAlufa na Omega. » Ni kwo guhishurirwa nyamukuru. (Oh, wa munyavyaha we,niwicishe bugufi wihane hatararengerana). «Ndi Alufa na Omega. » Ni co kintu ca mbere yamumenyesheje: Uwo ari We. Ninde rero yegereje? Mbega uwo Mwami ni Yesu? Mbega ni Imana? Mbega ni MpwemuYera? Yavuze ati : « Ndi ivyo vyose ! Kuva kuri A gushika kuri Z ni Jewe : NdiItanguriro n'Iherezo. Ndi Udapfa, Uhoraho»

Hirya gato, turamubona mu bimuranga biri uburyondwi, turabona uwo ari We. « Ndi itanguriro n'iherezo, Alufa naOmega, uwa mbere n'uwa nyuma. Nariho imbere y'uko habaho uwa mbere, uwa mbereatarabaho nariho inyuma yanje nta wundi ariho. Nzokwamaho. » Mu yindi mvugo : «Uwa mbere n'uwa nyuma. »

«…Ic'ubona, ucandike mu Gitabo, ukirungikireamashengero ndwi, ukirungike muri Efeso n'i Simuruna n'i Perugamo n'i Tuwatiran'i Sarudi n'i Filadelufiya n'i Lawodikiya.»

78 Ni uko. Uguhishurirwa gutangurira ukundi kwose, ni ukw'ubumana bukuru bwa YesuKristo. Mutegerezwa kumenya uwo ari We iyo mwumvise iryo jwi. Ni rya Jwi nyeneryumvikanira ku Musozi Sinayi, ni rya Jwi nyene ryumvikanira ku musozi wo

Guhindurirwako,wa wundi nyene « yasa n'Umwana w'Umuntu. »

Ubu rero twihweze umurongo ukurikira.

«Mpindukira kuraba … (Igice ca 12 rero.)

Tugira tubanze tureke ivy'ayo mashengero, kuko indwi iza yose ari yo izobaigenewe. Tugira rero tuyasimbe.

Aravuga ati : «Nje kugutuma kurungika ubu Butumwa ngira ndakwereke.» Ni nde?«Ndi uwa mbere n'uwa nyuma. Ndi hejuru ya vyose. Ndi Ishobora Vyose, kandinazanywe no kukubwira ko ngira ndaguhe Ubutumwa ku mashengero ndwi. Nashaka koubwandika, ko ubutegurira amashengero ndwi ari muri Asiya. » Yari amashengeroafise muri yo kamere kerekana ivyo bihe ndwi vy'ishengero vyari bigiyekuza.

79 Gurtyo rero ati :

« Mpindukirakuraba ijwi rivuganye nanje : mpindukiye mbona ibiterekwakw'amatara ndwivy'izahabu... »

Ibiterekwako amatara ndwi vy'izahabu. Bibiliya mufise yahinduwe bitegetswen'Umwami Yakobo canke iyahinduwe na Scofield, canke kumbure iya Thomson Chaincanke iyindi, ibi ntivyasobanuwe neza. [Muri Bibiliya nyinshi ziri mu zindindimi nk'icongereza canke igifaransa, mu kibanza c'igiterekwako amatara hariigiterekwako amabuji, ni vyo mwene Data Branham ariko arahubura - U]. Siibiterekwako amabuji ariko ni ibiterekwako amatara; ijambo ry'ukuri rikoreshwamu nzandiko z'inkomoko nibaza yuko ari ibiterekwako amatara. Mu yindi mvugo,ivyo biterekwakw'amatara ndwi vy'izahabu ni amashengero ndwi. Hirya gato, kumurongo wa 20, avuga ati : « Ibiterekwakw'amatarandwi na vyo ni vyo mashengero ndwi. » Gurtyo rero murabona ko iyo iba yariibuji, yari guca ishonga mu mwanya muto. Yamara si amabuji, ariko ni amatara.Avuga igiterekwako amatara.

«Mpindukiye mbona ibiterekwakw'amatara ndwivy'izahabu, kandi hagati y'ivyo biterekwakw'amatara mbona uwusa n'Umwanaw'Umuntu... »

80 Reka twongere tuvyihweze. Ibuji ishonga ningoga, ikazimangana, kandi hashizeamasaha makeyi nta kiba kigisigaye. Yamara itara, ni nk'uku.

Dufate Zekariya 4 : 1, maze turasangamwo ivyo dukeneye. Zekariya 4 : 1, kandinibaza ko ngaho, dushobora kwegeranya ivyo dukeneye. Turabe... SinosangaZekariya muri Zefaniya! Ah, ng'aha! Bibiliya yanje ya kera yarashaje. Zekariya 4 : 1. Ubu nimutege yompi, ahaturahafise ikigereranyo ciza.

Kandi umumalayika…

Uyu muvugishwa yavyanditse hasigaye imyaka amajana atanu na cumi n'icenda ngoYesu avuke.

«Maz'umumarayika twavugana araguruka,arankangura, nk'uk'umuntu akangurwa ava mw'itiro... (uyo

muvugishwa yarikoarerekwa)...arambaza at'ubona iki?Ndamwishura ngi : Mbona igiterekwakw'amatara... ico twasobanuye ngoigiterekwakw'amatara)... cose gicuzwemw'izahabu, umubehe waco uri ahahera hejuru... (ryari itara) ushamitseko amatara ndwi; kandi ayo mataraari hejuru kuri wo, rimwe rimwe rifise umuheha, yose ukw'ari ndwi...(ng'ivyo vya bihe ndwi vy'ishengerobiraserutse, murabona?)...

kand'impande zompihar'ibiti vy'imyelayo bibiri...

(Nonebacana iki muri ayo matara, mu bihe vya Bibiliya? Mbega hari uwubizi? -Yariamavuta! Ubwoko ubuhe bw'amavuta? - Amavuta ya Elayo)... ibiti vy'imyelayo bibiri... (ni ibiki? Isezerano rya kera narishasha, kandi vyose biri iruhande yaco)... kimwe i buryo bwa wa mubehe, ikindi naco i bumoso bwawo.

Nuko mbaza umumarayikatwavugana nti : Mbega ivyo bisobanurwa bite ga mugenzi?

Maz'Umumarayikatwavugana arambaza ati Mbeg'ivyo ntuzi uko bisobanurwa? Ndamwishura nt'oyayemugenzi.

Aranyishura ati ngiriIjambo Uhoraho atumye kuri Zerubabeli, ati Si kubw'inkomezi, sikubw'ubushobozi, ariko ni kubwa Mpwemu wanje, nik'Uhoraho Nyen'ingabo agize.(Ko azoshumbusha Yerusalemu).

81 None ico giterekwako amatara ni igiki? Niikintu baterekako amatara. Rabe ingene ivyo ari vyiza! Ahindukiye yabonye uwusan'Umwana w'Umuntu ahagaze hagati y'ibiterekwako amatara ndwi vy'izahabubigereranya ibihe ndwi vy'Ishengero vyari bigiye kuza. Itara rimwe rimwe ryoseryari rifise urutambi rwajobekwa mu mavuta, ryari rifashe ku mubehe ufise imerowisangije. Basuka amavuta ku mubehe uri hejuru, agaca yuzura umuheha mukuru,maze gurtyo agashikira iyindi miheha... Kandi itara rifise urutambiruyajobetswemwo ryabandanya kwaka ijoro n'umurango. Ntibigera bakenera kuyatsa,ntiyigera azima; ico bakora gusa kwaba ugusuka amavuta mu muheha mukuru. Kandiuko ni ko ivyo biterekwako amatara vyahagarikwa, amatara nayo agaterekwa hejurukuri vyo. Urutambi rwinjira mu mavuta rukaronkerayo ubugingo bwarwo. Oh! Eseingene bitandukanye n'ibuji. Ese ingene bitandukanye. Ni igiterekwako amatara,amavuta nayo agakwegwa.

82 Ubu rero reka twihweze ingene umuriro washirwa kuri ivyo biterekwako amataravyo mw'isezerano rya kera. Iyo bakije itara, ntibashobora kwatsa itararikurikira bakoresheje umuriro bari basanganywe mu minwe. Baratsa itara rimwe,hanyuma bagaca bafata iryo tara kugira batse irikurikira, bagaca barisubiza ahoryari riri, gurtyo gushika kw'itara rya nyuma; kandi uko ni ko umuriro wo muntango wahererekanywa gushika kw'iherezo. Oh, nizigiye yuko ivyo mubitahura! «Yesu Kristo uko yar'ar'ejo, n'uyu musinikw'akiri kandi ni kw'azokwama ibihe bidashira.» Wa muriro nyene (MpwemuYera) ni wo wakije rimwe rimwe ryose muri ayo mashengero uko ibihe vyagiyebikurikirana.

83 Mbega Yesu ntiyavuze muri Yohana 15 ngo : «Ni jewe muzabibu namwe mur'amashami»? Ni We muzabibu w'ukuri, natwe turiamashami. Kandi umuzabibu ntiwama ivyamwa...

[Agace k'ibande ata kiriko -U]... mufashe igiti cama ivyamwa biri mu bwokobw'indimu, nk'akarorero igiti c'umucungwe, maze mugaca mugiterako nk'ingurukiziagashami k'ipampelemusi, kazoca kanaga. Ubandanije, ugafata agashami k'indimuukagatera nk'ingurukizi ku giti c'umucungwe, kazoca kanaga. Canke mufateagashami ako ari ko kose kama ivyamwa biri mu bwoko bw'indimu, yaba imandarinecanke ikeremantine, canke ico ari co cose, mukagatera nk'ingurukizi kuri icogiti, bizoheza bikuzwe n'ubuzima bw'uwo mucungwe; yamara ntibizokwamaimicungwe. Rimwe rizokwama amapampelemusi, irindi ryame amakeremantine, irindiryame indimu, ariko bigaburirwa ubuzima bw'ico giti; yamara ico giti nicazanaishami ryaco bwite, buzoba ari bwa buzima nyene buzoba buri muri ryo, kandirizokwama umucungwe. Kuko mu ntango, mu mizi yaco, hariyo ubuzima bw'umucungwe,yamara n'ayandi mashami arashobora nayo kubeshwaho nabwo, igihe cose ariamashami y'igiti cama ivyamwa bisa n'indimu.

Ntashoborakwama ivyamwa vy'igiti c'inkomoko, kuko atari ay'igiti c'inkomoko.

84 Ni nako biri no kw'ishengero. Barakomerekeje umuzabibu kugira ngo bawuterekonk'ingurukizi abaperesibiteriyano, abametodiste, ababatiste, n'abandi. Bamaivyamwa vy'ababatiste, vy'abaperesibiteriyano, vy'abametodiste, yamara iyo uwomuzabibu uzanye irindi shami ryawo rizoba rimeze nka wa muzabibu waboneka kuriwa musi wa Pentekote : umuzabibu w'inkomoko! Uwo muzabibu uzovuga mu ndimikandi uzogira ubushobozi n'ibimenyetso vya Kristo yazutse muri wo. Kubera iki? Kubera urya ugaburirwa ivya nkenerwabisanzwe biri aho watewe. Mu vy'ukuri, ntiwatewe ariko warahavukiye! Kukowo...Oh, bene Data, ubu nyene ni ho nkivyiyumvirako...

Murabona, ayo yandi yatewe nk'ingurukizi, bayaterank'ingurukizi ku giti maze akama ivyamwa bihwanye n'ubwoko bwayo. Ibintibashobora kubitahura. Ibi ntibavyizera, kuko ataco bigeze babimenyako. Arikonamba bavyawe na bwa bugingo nyene buva muri ca Giti, ikintu kimwe conyenebashobora kwama ni Ubugingo bw'igiti c'inkomoko.

85 Ivyo biterekwako amatara bihurira ku mubehe umwemunini, bihagaze ku kintu kimwe kinini... maze

ibiterekwako amatara ndwibitandukanye bishamitse kuri co. Gurtyo rero, rimwe ryose muri ayo matara ryavamw'isoko nkuru, ari naho ryakura ubugingo. Kandi umuco waryo waboneka ari ukourutambi rwaryo rujobetswe mu mavuta ava mu mubehe mukuru. Oh! Mbega ukuntuimwe imwe yose muri izo nyenyeri indwi ari ikigereranyo ciza (ni co bisigura)ifise Ubugingo bwakishwa na Mpwemu Yera. Kubwo ukwizera, iraka yakishijwe na

Mpwemu Yera, kandi Ubugingo bwayo ni urutambirujobetswe muri Mpwemu Yera muri Kristo; biciye muri urwo rutambi, akwegaUbugingo bw'Imana kugira ngo ahe Umuco Ishengero ryiwe. Oh, mbega ikigereranyoc'uwizera w'ukuri! Atanga Umuco umeze gute? Wa Muco nyene waboneka igihe itararya mbere ryatswa!

Ico gihe ca mbere cabaye ica Efeso; Paulo ariwemumarayika w'iryo shengero, yari imwe muri izo nyenyeri. Izo nyenyeri ndwizisigura abamarayika ndwi, ari zo «intumwa» ndwi. Muri ino ndwi, ndashoborakuzofata Ivyanditswe n'inkuru za kahise, maze mpeze ndabereke yuko ivyo bintuvyagiye bishika kuri buri mumarayika, kandi yuko buri mumarayika yari afise uwoMuco nyene. Ni ivy'ukuri! Kandi hari Umwe gusa yagendagenda hagati muri ivyobihe!

86 Raba yuko, muri uwo mubehe mukuru w'amavuta, ariho mukura Umuco... ubugingo bwanyu buhishijwe mu Mana biciye muri Kristo, kandibwadomweko ikimenyetso na Mpwemu Yera. Nta kintu na kimwe coshobora kubakurayo.Bobishobora gute? Nta n'umwe yoshobora kubahenda. Uruhande rumwe rw'Ubugingobwanyu rwakishwa na Mpwemu Yera, buraka bugatanga Umuco. Mbega urundi ruhanderw'ubugingo bwanyu rwinjijwe mu ki? Muri Kristo : Mwahambwe muri We. Kristo naWe, Mpwemu Yera abugaranirayo kugira ngo umurwanizi ntashobore kubakorako.Amen! Arashobora kuvuza uruhwa agatera urwamo, ariko urupfu ubwarwontirushobora kubakorako : «Wa rupfu we, uruboyi rwawe ruri hehe?» Intsinzi yaweiri hehe? Ariko Imana ishimwe kuko iduha gutsinda kubw'Umwami wacu Yesu Kristo.»

87 Dusome ku mpera y'uwo murongo :

«...Mpindukiyembona ibiterekwakw'amatara ndwi vy'izahabu, kandi hagati y'ivyo biterekwakoamatara mbona uwusa n'Umwana w'Umuntu...»

Oh! Mbega ivyo mwabibonye? Inyenyeri, ibiterekwakoamatara, amatara. Ivyo bisigura iki? Bisigura ko igihe turimwo ari igihec'Umwiza; amatara; ibimuri bo n'inyenyeri vyerekana yuko ari mw'ijoro.Inyenyeri ikora iki? Irungika umuco yakuye ku zuba kugeza aho izubarizogarukira. Izina ry'Umwami riragahezagirwa! Kandi umukozi w'Imana w'ukurintarungika umuco akuye kw'itoroshi, ku kibiriti, umuriro w'ivyatsi; arungikamw'Ishengero umuco ukayangana akura kuri Kristo : « Ntahinduka, kandi nimuzima, kandi arankayanganirako. » Amen! Ng'uwo umuco arungika! Inyenyeriirungika umuco ikura ku zuba kandi uko ni ko natwe turungika umuco uva ku Mwanaw'Imana. Dukora ivyo yakoze, dutanga umuco. Ni umuco nyabaki? Umuco w'Ubutumwabwiza.

88 Tubandanye kandi tumwihweza mu gusoma ibisigayekuri uyu murongo wa 13 :

«... kandihagati y'ivyo biterekwakw'amatara ndwi mbona uwusa n'Umwana w'Umuntu, yambayeimyambaro ishika ku birenge, yambaye mu gikiriza umukanda w'izahabu.»

Ubu rero ng'iki ikindi kimenyamenya c'uko iyinyigisho ivuga ku musi w'Umwami ari yo. Mbega mwamwitegereje? Kuri uwo musi,ntazoba ari Umuherezi, canke Umwami; azoba ari Umucamanza. Mumenye yukoumuherezi, umuherezi mukuru, iyo yinjiye ahera kugira arangure igikorwa ciwe,yakenyerera mu gikenyerero. Kwambarira umukanda wiwe mu gikenyerero vyasigurayuko yaba ariko arangura igikorwa ciwe. Ntiyigera yambarira umukanda wiwe mugikiriza. Ariko ng'Uyu aserutse yambariye umukanda mu gikiriza, hamwen'igitambara ku bitugu; akenyeje mu gikiriza umukanda w'izahabu, awukenyereyehejuru. Ni ibiki? Ni Umushikirizamanza, ni Umucamanza. Umucamanza, afiseigitambara ciwe ku bitugu, yambariye umukanda ngaha, atari ku gikenyereronk'umuherezi. Murabona, ivyo vyerekana ko ubu ataba akiriko ararangura umurimowiwe w'Ubuherezi. Yohana yaragiye ashika ku musi w'Umwami, aca amubona aserutsenk'umucamanza.

89 Mbega murizera yuko ari Umucamanza? Dusome ningogaYohana 5 : 22. Turabona ko ari umucamanza canke atari we :

«Se ntan'umwe acira urubanza, ariko imanza zose yazishikirije umwana.»

We ni Umucamanza, Umucamanza Mukuru. Kandi Yohana amwerekana nk'uwutakiri mumisi yo kuvugishwa kwiwe nk'umuvugishwa, canke mu misi y'ukuganza kwiwe arikoamwerekana mu musi w'Uhoraho nk'Umucamanza. Iyo umuherezi yambaye umukanda,yakenyeje umukenyezo, ni bangahe bazi ko ivyo vyasigura yuko yaba ari mugikorwa? Uwusoma Isezerano rya kera wese, akaba arizi, ivyo arabizi. Iyoumuherezi yambariye umukanda wiwe ngaha, aba ari mu gikorwa, aba ari umukozi.Yamara We aha, yari yambariye umukanda ino, nk'umucamanza.

90 Dusome hirya gato :

«yambaye mu gikirizaumukanda w'izahabu.»

Ni vyo koko; igihe yambarira umukanda wiwe ngaha, yari Umucamanza.

Uburero tugira twihweze ubwiza bwiwe buri mu buryo ndwi. Oh! Ivyo bintera gusimbagurika ntaranabisoma! Nimumenyeneza ibi! Oh, ni vyiza cane!

Nimwumvirize gusa :

«Umutwe wiwe...»

Ubu rero nimwitegereze ibi : Hari ibintu ndwibivugwa ngaha : Umutwe wiwe, Umushatsi wiwe, amaso yiwe, ibirenge vyiwe, ijwiryiwe... Ngaha avuga ibintu ndwi, ubwiza bwa Yesu Kristo buri mu buryo ndwi.Reka ndabisome:

«Kand' umutwewiwe n'umushatsi vyari vyera nk'ubgoya bw'intama y'umwero, canke nka shelegi;n'inyonga ziwe zasa n'imbeya z'umuriro; ibirenge vyiwe vyasa n'umuringaw'umwakaka, utukujwe n'umuriro; n'ijwi ryiwe ryari rimeze nk'iry'amazi menshiasuma, kandi mu kuboko kwiwe kw'i buryo yar'afise inyenyeri ndwi, mu kanwa kiwehavamw'inkota ikarishe, mu nyonga hiwe hari hameze nk'izuba iyo ryatse umutari.»

Mbega ukwerekwa! Yabonye iki ngaha? Yabonye Umwanaw'Imana yahawe ubwiza, abona n'ikigereranyo. Ubu rero twitegure.

91 Oh, nari nzi yuko ari isaha zitatu, yamara niisaha zibiri gusa. Ariko sindanatangura. Ni uko. Mbabajwe na bariya bene Databategerezwa kuguma bahagaze. Ivyo birambabaza ndababonye bahagaze, murabona,kuko nzi yuko bababara amaguru. Iyo haba hari ico nobakorera ga bene Data, ntankeka nogikora! Ubu rero nashaka cane yuko mutahura ibi bintu. Kandi isengeshoryanje ni uko mushobora kurindira umwanya muto, maze Imana ikabibahemberacane.

92 Ubwa mbere turabona ko Umutwe wiwe n'umushatsivyari vyera nk'ubwoya bw'intama y'umwero. Yamaraivyo ntibisigura yuko yari ashaje. Si co cari cabitumye. Ivyo ntibisigura koimyaka yiwe myinshi ari yo yamutumye amera uko. Vyavuye ku vyo yaciyemwo, kuvyo ashoboye bo no ku bwenge bwiwe. Kuko ari Uhoraho, kandi igihorahontigishobora gusaza. Ivyo murabitahura?

Imbere ya vyose, tugaruke inyuma maze duce tumwerekana dufatiye kuri ivyo;turaja kubona uwo ari We. Dusome gato muri Daniyeli 7 : 9; muraja kubona koyerekanwa co kimwe muri Daniyeli, igiheaza nk'uwa mbere na mbere. Kandi umunyabwenge wa Bibiliya wese arazi neza iconshaka gushikako. Daniyeli 7, umurongo wa 9. Ndahera ku w'umunani.

«Nitegereje ayomahembe, mbona muri yo hameze akandi gahembe gatoya. Imbere yako hakurwaamahembe atatu mu yar'asanzwe. Maze ako gahembe nkabonakw'amaso asan'ay'umuntu, n'akanwa kavuga ibihambaye.Nkomeza kwitegereza, bakiriko barashirahointebe z'ubgami.»

Ubu rero nimwumvirize, mutege yompi. Murashobora kunyumva neza hariya inyuma?Vuga muti : « Amen! » namba mushobora kunyumva, Nabajije ikibazo umugore wanjeari hariya inyuma. Ndibaza ko iyi mikoro iri ngaha...

ivugacane, si vyo? Ndibaza ko nsemerera rwose cane muri irya.

93 Ni uko. Ubu rero dusome Daniyeli 7 : 9.

«Nkomeza kwitegereza,bakiriko barashirah' intebe z'ubgami; maze haza Uwa mbere na mbere, aravyagira.Imyambaro yiwe yera nka shelegikand'umushatsi wiwe wasa n'ubgoya bg'intama yera derere ; intebe y'ubgami bgiweyari nk'ibirimi vy'umuriro, kand'amakurudumu yayo yari nk'umuriro waka. Uruzirw'umuriro rwiburuka ruva imbere yiwe ; ibihumbi n'ibihumbi baramukorera, kand'amasinzi n'amasinzi bari bahagaze imbere yiwe. Imanza zirashingwa, ibitabobirazingururwa.»

Imishatsi yera ! Mwese murazi yuko ari abacamanza ba kera. Abacamanzab'abongereza bambara inkofero y'ubwoya bwera nk'urubura. Ni bangahe bavyibuka ?Abacamanza ba kera bambara inkofero y'ubwoya bwera. None ng'uyu nk'uko Yohanayamubonye ku musi w'Uhoraho ; yamubonye ari Umucamanza. Amen ! Ntiyariumuherezi canke umwami canke umuvugishwa, ahubwo yari Umucamanza. Nk'uko bivugwamuri Yohana 5 : 22, Se yaramushikirije imanza zose. Aha naho, ni Umucamanza,yaje kugira ngo acire imanza amahanga. Oh! Turindiriye uwo musi tuzomubona asagurtyo ! Imishatsi yiwe yarera nk'urubura. Daniyeliyamubonye aza agana Uwa mbere na mbere. Raba ingene ahuza iyo mirongo ibiri. Niuko !

….Imanza zirashingwa, ibitabu birazingururwa.

Nditegereza…Kandi kubw'ijwi ry'amajambo ahambaye-ahambaye ya ka gahembe…(Oya, nasomye ahatariho, siko?)

94 Daniyeli 7 : 10 ni ngaha:

«Uruzirw'umuriro rwiburuka ruva imbere yiwe ; ibihumbi n'ibihumbi baramukorera…

Naritegerejeico gihe kubg'ijwi rya ya magambo yo kwihayagiza ka gahembe kavuga ;

Nkirikonditegereza, ca gikoko kiricwa, umuvyimba waco uraherengetera, utabga mu murirourayigira.

Kandi na vyabikoko bindi, inganji yavyo birayakwa : ariko vyongerwa ukubaho gushitsa igihekinaka.

Kandi mu vyoneretswe mw'ijoro, nagize ntya mbona haje uwusa n'umwana w'umuntu,(Twamubonye aza gute muri kino gitondo, ku murongo wa gatatu ? Umwana w'umuntuaza ari ku bicu vyo kw'ijuru)… Uwusan'umwana w'umuntu azananye n'ibicu vyo kw'ijuru, aza kuri wa Wundi wa mbere nambere, baramushikiriza.

Aca ahabwainganji n'icubahiro n'ubgami, kugira ngw'amoko yose n'amahanga n'abavuga indimizitari zimwe bamusabe : ingoma yiwe ni ingoma itazovaho, kand' ubgami bgiwe n'ubgami butazohangura.»

95 Yaregereye Uwa mbere na mbere, uwari afiseumushatsi wera nk'ubwoya bw'intama y'umwero. Yohana na we ahindukiye abonauwusa n'umwana w'umuntu ari hagati y'ibiterekwako amatara ndwi vy'izahabu,afise imishatsi yera nk'urubura : yari Umucamanza. Ntiyari akenyereye kugikenyerero, ahubwo yari akenyereye ku gikiriza nk'umucamanza. Yari ahagazeafise igitambara kiranga umucamanza ku bitugu, afise umukanda wera, utanduye,w'izahabu yakuwemw'inkamba werekana ukugororoka kwiwe. Umwambaro wiwe! Yariyambaye kuva ku birenge gushitsa ku mutwe. Nimwihweze ingene agaragaza uwo ariwe kandi akagaragaza ubwiza bwiwe mu buryo ndwi.

96 Ubu rero dusome umurongo wa cumi na kane.

«Kand'umutwewiwe n'umushatsi vyari vyera nk'ubgoya bw'intama y'umwero, canke nka shelegi ;n'inyonga ziwe zasa n'imbeya z'umuriro… »

Umutwe, umushatsi; « inyonga zisa n'imbeyaz'umuriro. » Nimuvyibazeko! Ayo maso umusi umwe yari yarigeze kubayuzuyemwo amosozi nk'ay'umuntu, aha yahindutse imbeya z'umuriro; ahagaze ngahonk'umucamanza yaratse. Kubera iki mwamwanse? Ewe wa munyavyaha we, vyibazeko! Vyiyumvirekowa munyeshengero we w'akazuyazi. Vyiyumvireko yemwe, mwa bakatolika, babatiste,baperesibiteriyano, bapentekote mwe! Vyiyumvireko yemwe bakatolika! BikiraMariya wanyu vyabaye ngombwa ko aba ahari ku musi wa Pentekote maze agahabwaMpwemu Yera; yaradandabagiranye maze yifata nk'umugore yaborewe. Nyina bwite waKristo vyabaye ngombwa ko aca muri ivyo imbere y'uko yemererwa kuja mw'ijuru.Mweho, mwa bagore mwe, muzokwinjirayo gute hatabaye ivyo? Umwe wese muri mwebwenavyiyumvireko!

97 Imishatsi yiwe, n'inyonga ziwe kera zigezekwuzuramwo amosozi nk'ay'umuntu… ariko ngomba ndabereke ikintu kimwe kuvyerekeye izo nyonga. Igihe yari kw'isi, zarigeze kwuzuramwo amosozink'ay'umuntu. Kukaba nkako, yarariríye ku mva ya Lazaro. Ni ivy'ukuri! Yariyuzuye imbabazi kandi yakunda abandi. Yari yambaye, yari Imana yambaye ukugiraneza, yari afise ikintu cashobora kwinjira neza i bwina bw'umutima w'umuntukandi kikamenya ibiri muri we vyose. Kubera iki ? Hari ikintu cari muri We,n'aho yari yambaye umubiri upfa.

Yamara bo ntibamenye ico ari co… Yavuze ati : « …Nimutizera ko ndi We, muzopfira mu vyahavyanyu. » Ni ivy'ukuri. «Asangwantakora ibikorwa vya Data, ntimunyemere; ariko ninabikora... Mupfe kwemeraibikorwa.» Oh, ese ingene yagerageje kubazanira ubutumwa, akabazanirauguhishurirwa! Yarashobora kuraba adahwihwisha mu mutima w'umuntu akamenyaivyiwe vyose. Ese ingene ivyo ndavyiyumvirako kenshi. Ayo maso kera yabonaibiri inyuma y'imisozi akunama kuraba mu maso y'abababaye, yarashobora kurirank'ay'umuntu. Ariko kandi yarashobora kurengana aho umuntu ageza kubona,akinjira muri Mpwemu w'Imana maze akabona ibintu vyose : ibiriho n'ibizoza.Yashobora kubura ivy'iherezo kuva kw'Itanguriro, kuko Imana yari muri ayo masoy'umuntu. Reka Imana yinjire mu bugingo bwawe, iburongore, maze izokwerekaibigiye kuba. Kuko si wewe uzoba ukiriho, azoba ari Mpwemu Yera mu bugingobwawe, ari muri wewe, arabisha ayo maso apfa kugira ngo abone ibintu.

98 Oh, icubahiro kibe ic'Imana! «...nzosukaMpwemu wanje ku bari n'umubiri bose, kand'abahungu banyu n'abakobga banyu bazovugishwananje, n'imisore yanyu izobona ivyo yeretswe n'abatama banyu bazorota inzozi.»Haleluya! Rimwe na rimwe, itegerezwa kubasinziriza kugira ngo ishobore kurabiramuri mwebwe, yamara nta nkeka izobereka ibintu vyinshi! « Abatama banyubazorota inzozi, n'imisore yanyu azobona ivyo yeretswe; Nzosuka Mpwemu wanje kubagurano banje b'abahungu n'abakobwa. Si ku badiyakoni banje n'abungerebanje... Nzosuka Mpwemu wanje ku wuzoshaka wese, ku bari n'umubiri bose.»

Muribaza igituma nsemerera mvuga ivyo bintu, ariko nikubera ivyo bintu bitegerezwa gushika muri ibi bihe vy'ishengero.

99 Ng'izi izo Nyonga : mwibuke yuko izo Nyonga zarizidengereye amosozi umusi umwe zizoba ziri aho

kubw'urubanza. Ng'izo zimezenk'imbeya z'umuriro, zizunguruka isi mu mpande zose, kandi ntagishobora gushikaitakizi. Oh, vyafashwe amajwi! Zigenda zigaruka kw'isi yose, zihweza agacarukakose, zibona iciyumviro cose, izi ivyo mukora vyose, ivyo imitima yanyuigambiriye, ivyo mugomba gukora. Irazi vyose. Namba muyikunda irabizi. Nambaintumbero yanyu yo kuyikorera ari iy'ukuri irabizi. Irazi vyose. None bizomerabite kuri wa musi igihe muzoba muhagaze imbere yayo icaha cose cashizweahabona, na Yo iri kuri ya Ntebe yera y'urubanza?

100 Oh, Mana, undinde sinzoje aho hantu! Ivyo sinshakakuzobibona! Igihe iyo Mana izozira iratse, imbeya z'umuriro ziravya ziva muNyonga zayo, ifise ukugororoka, n'inkofero y'ubgoya bwera ku mutwe nka gurtya,kandi iravya imbeya z'umuriro, inyonga zayo zizi ikiri mu mutima wawe cose,n'ico cose wigeze gushaka gukora! Numpishe muri ca Gitandara ca kera cakubiswekubwanje! Kera twararirimba duti : « Mu gihe isi iriko iraka umbe hafi! Umbehafi, kandi igikiriza cawe abe ari co nisegura. Numpishe muri ca Gitandara cakera.»

O Mana, sinshaka guca mu rubanza rwawe! Mwamiico nifuza ni imbabazi zawe. Mpa kubona imbabazi zawe hako mbona urubanzarwawe. Ngirira gusa imbabazi. Sintsindwe n'Ivyagezwe vyawe... Ico ngusavye gusaMwami, nungirire ubuntu. « Ntaco nzanye (nta ciza mfise, nta co maze), numiyegusa ku Musaraba wawe.» Mwami, ico nzi conyene ni iki : Hariho uwangiriye mugishingo.

101 Ubu rero nimurabe ukugaragara kwiwe kuri mu buryondwi, muca mubona ivyo yakoze.

«Kand'Umutwe wiwe n'umushatsi wiwe vyarivyera nk'ubgoya bg'intama y'umwero, canke nka shelegi; n'inyonga ziwe zasan'imbeya z'umuriro;

Ibirengevyiwe vyasa n'umuringa w'umwakaka, utukujwe n'umuriro;...»

Turahejeje kubona ingene yambaye. Nimwihweze ibi : Ubwa mbere hari umutwe wiwe,inyonga ziwe, none ubu turabona ibirenge vyiwe bisa n'umuringa w'umwakaka. Rabeubudasa hagati y'iyi shusho ya Yesu nk'uko Yohana yayibonye, bo n'iyo Daniyeliyabonye ku vyerekeye ubwami bw'isi :

umutwew'izahabu, n'ibindi.

Ihweze ivyo dufise ngaha : Dufise umuringa. Umuringa usigura iki? Umuringauvuga ivy'urubanza, urubanza rw'Imana. Ivyo vyerekana ko ivyo yagabiye vyosebirangirira ngaha kw'isi, nk'Imana yambaye umubiri, yaradupfiriye aca yishirakourubanza rw'Imana, urubanza Imana ica maze ahabwa ubwami bw'umuringa, bukomeyekandi budashobora kunyiganyizwa. Nta na kimwe kirusha umuringa gukomera, kandinta buryo buraboneka bwo kuwuhingura kugira ngo urushirizeho gukomera.

102 Urubanza! Umuringa utubwira ivy'urubanza rw'Imana rwamaze gucibwa. Nimwibuke yanzoka y'umuringa mu bugaragwa! Irya nzoka y'umuringa yasigura iki? Inzokayerekana icaha; ariko ko yari iy'umuringa, icaha cari camaze gucirwa urubanza.

Raba ko mu gihe ca Eliya, igihe banka kwemera ko ari uwuvugishwa n'Imana...Rurya rukurikirane rw'ibihe vya kera vy'ishengero. Umusi umwe nzobereka yukoIsirayeli na yo yaciye mu bihe ndwi vy'ishengero, ari vyo kigereranyo c'ukuric'ibi. Kandi mu gihe ca Eliya, mu gihe ciwe c'ishengero, Eliya baramwanse, mazehaca imyaka itatu n'amezi atandatu imvura itagwa. Kandi uwo muvugishwa yavuzeko «Ijuru ryasa n'umuringa» kubera urubanza rw'Imana rwari ku mahanga yariyanse Imana maze akumvira Yezebeli.

103 Umuringa werekana kandi urubanza rw'Imana ku gicaniro iyo ikimazi cakerewe mazekigashirwa ku gicaniro giozwe mu muringa. N'amatanguriro ubwayo yariay'umuringa (ni urubanza); yaganishirije ibirenge mu bwato vino y'uburakebw'inkazi bw'Imana maze yishirako urubanza rwacu. Tuje gato mu VyahishuriweYohana 19 : 15, maze turabe ico yakoze. Dusome guhera ku murongo wa 12 :

« Inyonga ziwe ni imbeyaz'umuriro, no mu mutwe yambaye imigara myinshi, kandi afise izina ryanditswe,nta wurizi atari we wenyene.

Yambaye impuzuzajobetswe mu maraso; kandi yitwa Jambo w'Imana... (Ibimubimenye neza; Izina ryiwe ntiryari Ijambo ry'Imana; yitwa Jambo w'Imana) ... yitwa Jambo w'Imana.

Ingabo zo mw'Ijuruziramukurikira, zicaye ku mafarasi y'ibitare, zambaye impuzu nziza derere;zitanduye.

Mu kanwa kiwehavamw'inkota ikarishe, kugira ngw'ayikubite amahanga : azoyaragiza inkoniy'icuma. Kandi aganishiriza ibirenge mu bgato vino y'uburake bw'inkazi bg'Imanaishobora vyose... »

104 Yakoze iki? Uburake bw'Imana bwari kuri twebwe, kuko turi abanyavyaha, mbega sivyo? Nta n'umwe ashobora kwikiza. Nta na kimwe twoshobora gukora, twese «twavukiye mu caha, dusamwa mu kugabitanya,tuvuka tuvuga ibinyoma.» None yakoze iki? Yaraje mw'isi (Haleluya!), mazeaganishiriza ibirenge mu bwato uburake! Uburake bwose bw'Imana ishobora vyosebwasutswe kuri We. « Birakubereye,

eweMwagazi w'intama w'Imana, kuko wishwe». Yishizeko ivyaha vy'abari mw'isi,Yishizeko ivyaha vyacu kugira ngo uburake bw'inkazi bw'Imana bumusukweko. « Yamara yacumitiwe ivyacu bicumuro,yajanjaguriwe ivyacu bigabitanyo : igihano kiduhesha amahoro cabaye kuri we,kand'imishishagu yiwe ni yo idukiza.» Nta muntu n'umwe yapfuye nk'uwoMugabo! Yarababaye cane ku buryo amaraso n'amazi vyitandukanije mu mubiri wiwe.Kandi, imbere y'uko apfa, ibitonyanga binini vy'amaraso vyarajojose mu ruhangarwiwe.»

«...ubgato bwa vino y'uburake bw'inkazi bg'Imanaishobora vyose. »

105 Umusi umwe, (Icubahiro kibe ic'Imana), ni yagaruka ari Umucamanza, ivyo birengevy'umuringa wo kugororoka kwiwe, azobisiribangisha Antikristo n'abansi biwebose. Haleluya! Azoganza isi afise inkoni y'icuma mu minwe. Amen! Oh!Munyavyaha mugenzi, niwihane ugifise akaryo ko kwihana! Ugeragezakuvyiyobagiza, ukibaza ko ari ibintu bisanzwe bitazokwigera bishika. Ivyobizogushikako wewe!

Ibirenge vy'umuringa, bisiribanga abansi biwe... Kubera ko yababajwe,yaganishirije ibirenge mu bwato bw'uburake bw'inkazi bw'Imana kugira ngo atangeindishi y'ivyaha vyacu. Kandi muri ico gihe, twebwe bandi, udusiba turi abogutsindwa n'urubanza, turagamika amazosi, tumaze gusoma igitabo kanaka gihakanaImana, duca twiyumvira ngo : «Nta Mana ibaho!» kandi tukavuga duti : «Ivyovyose ntibibaho, kandi nta rubanza na rumwe ruzobaho.» Akoresheje ivyo birengenyene vy'umuringa azoterera hanze umwansi wiwe. Azosiribanga Antikristo,azofata ayo mashengero y'abagarariji ayaterere hariya mu guhoraho, ahantuhamwe, mu muriro utongora aho azotongokera akaranduka. Kandi azoganza kw'isi,we n'Ishengero ryiwe ibihe bidashira! Icubahiro kibe ic'Imana.

106 «Umutwe wiwe n'umushatsi vyari vyerank'ubgoya bg'intama y'umwero», ukugororoka, ivyo yaciyemwo, ubushizibw'amanga, kuba yikwiye muri vyose, ubwenge. Imyaka, imishatsi yera, ivyo vyosebisigura ubwenge. Arazi ico akora. NiWe soko y'ubwenge. Ni We soko y'ivyo agenda aducishamwo. Ni We soko y'ivyizavyose, ni co gituma yerekanywe ngaha asa n'Umwana w'umuntu afise imishatsimiremire yera derere. Hari haheze imyaka amajana Daniyeli amubonye (imyakaamajana ndwi), aca avuga ati : «Hari Uwambere na mbere. Maze haza uwusa n'Umwana w'umuntu azananye ubushobozi, yegerawa Wundi wa mbere na mbere, maze imanza zirashingwa.»

107 Ubu rero nagomba ndabasabe gusa ikintu kimwe. Niwewe mbwira, shengero ry'akazuyazi. Inkumi cumi zarasohotse gusanganira Umwami,zitanu zari abanyabwenge, zitanu zindi zari ibijuju; ico giti catewenk'ingurukizi ni co twavuzeko mu gitondo. Mwibuke yuko igihe zisohotsegusanganira Imana... Raba ko Bibiliya ivuga iti : «Ibitabo birazingururwa.» (Daniyeli 7 : 10) (ni igitabo kirimwoabanyavyaha) « Kandi ikindi gitabokirazingururwa.» Ni nde ari kumwe na We? Ishengero ryari ryazamuwe. Oh! «Kandi amasinzi n'amasinzi bazanana na We bamukorera. » Umugore wiwe ari We waMugeni. Oh, Haleluya! Umugore wiwe yazananye na we, ni Ishengero.

Intebe z'imanza zirashingwa, ibitabobirazingururwa. Kandi ikindi gitabo kirazingururwa; zari za nkumi z'ibijujuzasinziriye, maze umuntu wese acirirwa urubanza hakurikijwe ico gitabo.Muzobazwa igituma mutakoze ico mwategerezwa gukora : none bizoca bigenda gute?Ariko ubu mumaze kuburirwa. Kumbure kare nta vyo mwari muzi, yamara ubumurabizi. Murabibona? Namba umugororotsi akizwa agarukiye ku manga, utubahaImana n'umunyavyaha bazoboneka hehe? Uwagize ico amenya maze akagishiburaazoboneka hehe? Ibirenge vy'Umwami bimeze nk'umuringa, ni Urubanzarw'Imana.

108 Tubandanye dusoma :

«...imishatsi yiwe yera nk'ubgoya bg'intama y'umwero...n'inyonga ziwe zasa n'urubeya rw'umuriro,

…ibirengevyiwe vyasa n'umuringa w'umwakaka, utukujwe n'umuriro; n'ijwi ryiwe ryaririmeze nk'iry'amazi menshi asuma.»

«Ijwi ry'amazi menshi asuma.» Amazi asigura iki?Nimwaba mushaka kuvyandika nimurabe mu Vyahishuriwe Yohana 17 : 15, maze murajakubona yuko Bibiliya ivuga iti :

«Amaziwabonye... ni yo moko, n'amakungu y'abantu n'amahanga n'indimi. »

Ni uko. «Ijwi »Mbega ikintu giteye ubwoba mu buzima kubona ubugingo bujanwa n'imipfunday'amazi! Nta mudereva n'umwe wo kuburongora, buba bwazimiye, butwawen'imipfunda, bwumva ugusuma kw'amazi menshi, amasumo. Mbega ikintu giteyeubwoba kubona Ubugingo buhushije inzira! « Ijwi ry'amazi menshi.» Ijwi ryiwe niiki? Ni urubanza; ijwi ry'abakozi b'Imana bari ngaho, basemereye barongowe naMpwemu Yera babwira abantu bo mu bihe vyose. Ijwi ry'amazi menshi risemereraribwira amakungu y'abantu n'amasinzi. Ijwi ry'izo nyenyeri ndwi zari mu kubokokwiwe, kuri buri gihe c'ishengero, zigisha umubatizo wa Mpwemu Yera, umubatizomw'Izina rya Yesu, ukuvuga mu ndimi, ubushobozi bw'Imana, ukuzuka kwa Kristo,Ukuza kwiwe kwa kabiri, urubanza rw'Imana. Ijwi ry'amazi menshi ryumvikanarivuye muri Umwe asa n'Umwana w'Umuntu... amazi menshi.

109 Mumaze kuja mu bikorane mwumviyemwo ivy'imanzaz'Imana, mukavyumviramwo yuko mutegerezwa

kwiyuzuza n'Imana kugira muhabweMpwemu Yera, muzomererwa gute igihe muzoba mwaranse ivyo vyose? Muzoba musigayemuri Ubugingo bwazimiye gusa; isumo rirerire rizoba riri imbere yanyu,ryiteguriye kubakwegera mu rubanza ruhoraho.

Ijwi ry'amazi menshi ni co kigira kane kimuranga.Ijwi ry'amazi menshi! Muzogira gute ni mwumva iryo jwi mu bwiza, iri jwiryafashwe kw'ikaseti kuri uno mugoroba? N'ijwi ryanyu rirafatwa. Ivyiyumvirovyanyu birafatwa. «Umuntu ari uko ivyiyumviro vyo mu mutima wiwe biri»Murayobewe yuko ivyiyumviro vyanyu bisemerera cane mw'Ijuru kurusha uko ijwiryanyu rivugira kw'isi. Nta nkeka. Imana irazi ivyiyumviro n'ivy'imitimaigabiye, irazi vyose ku bijanye n'ivyo.

Yabariye abafarisayo ati : « Mwa ndyadya mwe,mwoshobora mute kuvuga ibintu vyiza, kandi ibibogaboga mu mutima ari vyo akanwakavuga? Munyita "Umwigisha mwiza", ariko ndazi, kuko nshobora kubonera murimwebwe ko muri indyadya. Ivyo mwiyumvira si vyo muvuga.»

Oh, bizomera gute wa musi, ni havuga iryo jwirizokwumvikana rivuye mu mazi menshi agizwe n'ibihe vyose vy'ishengero?

110 Ubu, ngira ndabasabe ikindi kintu. Mwebwemwakijijwe reka ndababwire ikintu kimwe, reka ndababwire ibi.

Ewe wa bugingo buriko burazimagirika we! Wewe, wabugingo uriko uzimagirika ujana kuri iryo sumo rirerire, uriyubara! Kizoba ariikintu giteye ubwoba, aho uzobonera yuko utakironse agakiza. Ntuzoba ugishoboragukizwa, kandi uzomenya yuko ugucirirwako iteka kwawe kwagushitseko. Igiheuzomenyera yuko hasigaye akanya gato ngo wumve iryo Jwi rivuga ngo : « Mva iruhande mwa bakora ibizira mwe, maze muje mu muriro udashira wateguriwe Satanin'abamarayika biwe! » Ni wumva iryo sumo rinini rigizwe n'amajwi y'ivyobikorane, uzomenya yuko washibuwe. Oh, mbega ikintu giteye ubwoba, mbega ikintugitungura umutima! Mwebwe mwese, ntimureke ibi ngo bibashikire : Nimwihane,mwiyuzuze n'Imana ubu, mu gihe hakiri umwanya!

111 Ubu ngomba ndabasabe ikindi kintu. Iyo umuntuashikamye aruhukiye munsi y'igiti cama gitotahaye, hari icomurutira kwumvaakajwi kongorera k'uruzi? Oh! Iryo ni Ishengero riri ahantu ho mw'Ijuru, mazeIjwi ry'Imana rikavugana nabo ryongorera. Murabona ivyo ari vyo? Ni ugutsindwan'urubanza ku munyavyaha bikaba n'umugisha ku wakijijwe. Ni umuntu yashinzeinanga y'ubwato bwiwe ahantu hatekanye muri Yesu Kristo, Igitandara,akiyicarira ngaho yumviriza; oh, mbega ingene aba aruhutse! Reka twiyinjiriremuri ubwo buruhukiro!

Ese ingene nkunda kuja i ruhande y'amazi atemba!Iyo tugiye kuroba, ngerageza kenshi kwironderera ahantu humvikana amazi atembayongorera, kuko nasanze ivyo biruhura. Noyumviriza ijoro ryose!

112 Mbega vy'ukuri si vyiza gushinga inanga y'ubugingobwawe muri Kristo ahantu mushobora guhagarara mutekanye imbere yiwe mazemukumva ijwi ryiwe ribabwira riti :

« Ndi Umwami agukiza. Ndi Umwami aguha Ubugingobudashira. Ndagukunda. Ndakuzi isi itararemwa. Narashize izina ryawe mu Gitabo,uri uwanje. Ntihagire ico utinya. Ni jewe. Ntutinye. Ndi kumwe nawe!» Niho ncandirimba nti :

Nashize ubugingo bwanje mu bwigobekobw'uburuhukiro

Kugirasinongere kuzungazunga ku mipfunda yo mu nyanja

N'aho igihuhuta cokubura inyanja igasuriranya

Muri Yesu, mba ndi mu mutekano nta ngere.

Mwibuke yuko iryo Jwi nyene rivugana namweryiyoroheje, ari ryo rizotsindisha umunyavyaha. Ya mipfunda nyene yakiza Nowani nayo yaranduye abanyavyaha. Murabitahura? Ijwi ry'amazi menshi.

113 Nimwongere murabe ibi : «Kandi umutwe wiwen'umushatsi vyari vyera nk'ubgoya bg'intama y'umwero, canke nka Shelegi,n'inyonga ziwe zasa n'imbeya z'umuriro ibirenge vyiwe vyasa n'umuringaw'umwakaka, utukujwe n'umuriro; ijwi ryiwe ryari nk'iry'amazi menshi asuma."

Kandi mu kuboko kwiwe kw'i buryo yar'afise inyenyeri indwi...»

« Inyenyeri ndwi. » Ubu rero dufate umurongo wa 20:

«Ibangary'inyenyeri ndwi izo umbonanye mu kuboko kwanje kw'i buryo,n'iry'ibiterekwakw'amatara ndwi vy'izahabu, inyenyeri ndwi ni zo bamarayika (cankeintumwa ndwi, abakozi ndwi) b'ayomashengero ndwi,

ibiterekwakw'amatarandwi na vyo ni yo mashengero ndwi.»

Yaramuhaye insobanuro kugira ngo amenyeadakekeranya ko ata kwihenda kurimwo. Igihe cose c'ishengero cari gifiseumumarayika waco. Oh, ivyo bizoba vyiza kuri ino ndwi nitwasubira inyuma kuremuri kahise, maze tukihweza umwe wese muri abo bamarayika tugaheza tukabonaibanga ry'igikorwa ry'umwe umwe wese muri bo. Bari basangiye ibangory'igikorwa. Bari barisangiye koko, muri ivyo bihe vyose iryo shengero ritoryamaze.

114 Hashize igihe gito bambwiye bati : « Murazi, kuvyerekeye ishengero rya katolika, biba ari vyo iyo avuze ko ari ishengeronyakuri, kuko ryagumye ririho uko ibihe vyagiye bikurikirana.»

Nishuye nti : «Nta gitangaje kirimwo ryari rifiseamaleta bo n'ibindi vyose birishigikiye! Uko ni ko ryashoboye guhangaraibihuhuta no kubirengana. Ariko jewe ikintangaza, ni ukubona urya mugwi muto,w'inkehwa zikengeretse, warashoboye kurengana ibihuhuta, mu gihe abo bizerabakerezwa imisumeno, bakagaburirwa intambwe, bagahanyagurwa, bakaribwa,bagaturirwa, bakicwa, n'ibindi. Babayeho gute?» Ivyo vyerekana ko ukubokokw'Imana kwari kumwe nabo. Nta bindi. N'uyu musi Umuco wabo uracamurika. Amen!Nta nkeka!

115 Ubu rero : « ibangary'inyenyeri ndwi izo umubonanye mu kuboko kwiwe kw'iburyo... » Yari afiseinyenyeri ndwi mu kuboko kwiwe kw'i buryo, bisigura abakozi ndwi b'ibihe ndwi.Oh, ese ingene ari vyiza! Ubu rero reka tugaruke inyuma, tuzoheza twihwezeumukozi w'Imana yazaniye ubutumwa Ishengero rya Efeso. Umukozi yazanyeUbutumwa, akaguma ari umwizigirwa gushika apfuye, akabuha ishengero ryaSimuruna, rya Perugamu, rya Tuwatira bo no ku bindi bihe vyose, kugeza mu giheturimwo. Abo bakozi barazigamye kandi bakwiragiza umuco, kandi bawugumije usan'uw'inkomoko usa n'uwari uhari mu ntango, barazanye bongera bakwiragiza uwoMuco.

«... izoumbonanye mu kuboko kwanje kw'i buryo.» Nimuvyibazeko gato! Ukuboko kw'iburyo, si co kimwe neza na neza na Kristo i buryo bw'Imana.

Ivyo ntibisigura yuko Imana ifise ukuboko kw'i buryo,kuko Imana ari Impwemu. Yamara Kristo yari mu kuboko kw'i buryo kw'ubushobozi.Ukuboko kwawe kw'i buryo, ni umugenzi ari i ruhande yawe, ari hafi yawe kurushaabandi.

116 Kandi mwibuke yuko za nyenyeri ndwi zari mu kubokokwiwe kw'i buryo. Nimwibaze rero, muri We ni ho zakura inkomezi zazo ari WoMuco wazo. Zari neza na neza munsi y'ububasha bwiwe, mu kuboko kwiwe kw'iburyo. Oh, ni ko biri no ku mukozi w'Imana w'ukuri wese. Ni nde yoshoborakubagirira nabi? Umumarayika risigura intumwa. Paulo avuga ati : «Ni ndeyoshobora kudutandukanya n'urukundo rw'Imana ruri muri Kristo?» Mbega niindwara? Ibiteye ubwoba? Ukwambara ubusa, n'inkota? Paulo avuga ati : «Ndazintakekeranya ko ata na kimwe coshobora kudutandukanya n'Urukundo rw'Imanarwagaragariye muri Kristo», kuko twiyeguriye rwose mu kuboko kwayo kw'i buryo.

Bamwe bavuga ngo : «Ni utugwi tw'abasazi!» Ivyontibituraba na buhoro buhoro! «Murakavya!» Ntitunavyumva! Twariyeguriye rwosemu kuboko kwiwe kw'i buryo kw'ubushobozi, aho ni ho dukura Umuco tukagaragazaUbugingo bwiwe twicishije bugufi, mu kugira neza, mu bugwaneza no mukwihangana; hari ibimenyetso, ibitangaza n'utwumiza. Ab'isi nibashake bavyiteubupfumu canke ico ari co cose, ivyo nta co bihindura kuri twebwe; kuko turaziyuko twiyeguriye mu kuboko kwiwe kw'i buryo. Ese ukuntu bitangaje?

117 Ubu reka twihute, kuko ntashaka kubarambira.«Inyenyeri ndwi ziri mu kuboko kwiwe kw'i buryo.»

Reka ubu turabe ikimuranga kigira ndwi ari na coca nyuma.

…Mu kanwa kiwehavamw'inkota ikarishe...

Nashaka kuvuga ikimuranga kigira gatandatu.

…mu kanwakiwe havamw'inkota ikarishe... »

Ijwi nk'iry'amazi menshi asuma... Mu kuboko kwiwekw'i buryo, afise inyenyeri.

«Mu kanwa kiwehavamw'inkota ikarishe...»

Muri Bibiliya, murazi ic'ari co iyo nkotaikarishe? Tuvyihweze, maze muraja kubibona. Abaheburayo 4 : 12., inyuma gatonk'urupapuro rumwe canke zibiri muraca mubibona, murabona. Abaheburayo kirihano inyuma gato y'Ivyahishuwe; Yuda, hanyuma Abaheburayo. Rero, nimuhafate. Nako…Abaheburayo,igice ca 4 c'Abaheburayo, naho. Neza cane, Abaheburayo igice ca 4 n'umurongo wa12

«Kukw' Ijambory'Imana ari rizima, rifise ubukuba, rifise ubugi buruta ubw'inkota zose,rikinjira n'aho ritanya ubugingo n'impwemu, rigatanya ingingon'umusokoro,risuzuma ivyo umutima wiyumvira, ukagabira. »

118 Hanyuma bakababafata nk'abaragura! Yamara ni Ijambory'Imana ryagaragaye mw'Ishengero ryayo! Rifise ubukuba kurusha izindi nkotazose zikarishe. Hari ico mpejeje kwiyumvira kijanye n'ivyo...

DusomeIvyahishuriwe Yohana 19, umurongo wa 11 :

«Maze mbonaijuru ryuguruye, kandi mbona ifarasi y'igitare... (ehe kandi ibara ryerani urubanza)... Uyivyagiyeko yitwa Mwizigirwa irindi ni Munyakuri. Aca amatekaakarwana intambara mu bugororotsi. (Murazi uwo ariWe? Neza cane).

Inyonga ziwe n'imbeyaz'umuriro (Ni nde? ); no mu mutwe yambaye imigara myinshi (ego, ubu aje mu Bwami); kandi afise izina ryanditswe, nta wuriziatari we wenyene.

Yambaye impuzuzajobetswe mu maraso, kandi yitwa Jambo w'Imana.»

Ni igiki kiva mu kanwa kiwe, mu kanwa k'uwugendera kw'ifarasi y'igitare? Ivyoturabibona kandi mu Vyahishuriwe Yohana 6. Igihe Uwugendera kw'ifarasiy'igitare yegereza yahawe umuheto, agenda anesha, kandi ngo yame anesha.

119 Inkota yava mu kanwa kiwe. Yari nde? Uwugendera kw'ifarasi y'igitare wo muVyahishuriwe Yohana. Rabe inkota: «Mu kanwa kiwe havamwo inkotaikarishe» - ni Ijambo. Kandi mu kurangiza, igihe rizoba ryashizwe ahabona kubana b'Imana bose, azocuranguza kandi asiribange amahanga yose akoreshejeIjambo ryiwe, iyo nkota ikarishe. Rabe ibica bishika ngaha :

« Mu kanwa kiwehavamw'inkota ikarishe; - mu nyonga hiwe hari hameze nk'izuba iyo ryatseumutari. »

«Inkota ikarishe» Ni igiki cava mu kanwa kiwe?Ijambo ry'Imana. Ni inkota ikarishe. Ryavuga iki? Ryasuzuma ivyo umutimawiyumvira ukagabira; ririnjira i bwina rikarengana umubiri, rikarenganaudusyasya tw'amaraso; rikagera mu magufa, gushika mu musokoro w'amagufa mbererikanaharengana, gushika aho risuzuma ivyo umutima wiyumvira ukagabira. Ico nico Ijambo ry'Imana rikora.

120 «Kandi Jambo yihayeumubiri, abana natwe.» Ubu naho Jambo yihayeumubiri mw'Ishengero ryiwe, aguma hagati muri twebwe. Abamarayika biwe, bari mu kuboko kwiwe, bakora ibangory'igikorwa cabo. Imana yishimira Ishengero ryayo. Imana iratwizigira, twebweabantu bo muri kino gihe, kugira ngo dushire Umuco w'Ubutumwa bwiza abo bantubariko barahona kubera imigenzo kandi baboshwe n'abadayimoni; Imana itereka uwomutwaro kuri jewe no kuri mwebwe. Tuzobona ibara abapagani ni bapfa atacobaramenya! Oh, bagarukirije ku kubigisha gusoma, kwandika no guharura,barabahaye udutabu tumwe tumwe tw'idini maze babagira akagwi k'abanyedini gusa!Yamara jewe, ivyo ndiko ndababwira, ni ugutahura Ubutumwa bwiza! Ubutumwa bwizasi amajambo gusa, nk'uko Paulo yabivuze ati : «...Kuko Ubutumwa bwacu butabashitseko ari amajambo yonyene, arikobwaserukamwo ubushobozi na Mpwemu Yera, no kumara amazinda rwose...» Ijamboribibwa mu mutima urimwo Mpwemu Yera maze rikama ivyo Ijambo rivuga korizokwama. Kandi Ijambo rirashobora gusuzuma ivyo umutima wiyumvira. Icubahirokibe ic'Imana! Ni ryo risuzuma ivyo umutima wiyumvira ukagabira. Ico ni coIjambo rikora.

121 Inkota ikarishe iva mu kanwa kiwe kugira ngoikangure abapagani. Birakwiye ko hagira ikintu kiba muri iyi misi. Ego! Izinaryiwe yari Jambo w'Imana, Ijambo ryagaragaye. Murabibona!Yesu yavuze ati : «Mugende muje mu bihuguvyose... » (Mariko 16). Ni ryo Jambo rya nyuma ryo gusezera ishengeroimbere y'uko agaruka kwihishura mu bihe vy'ishengero. Yakoreye umutwaroishengero ati : «Mugende muje mu bihugu vyose, mubwire abaremwe bose ubutumwabwiza! » Gukora iki? Kuvuga Ubutumwa bwiza. Mariko 16 havuga ngo : « Mubwire abaremwe bose Ubutumwa bwiza!»Ivyo bisigura iki? Mu yindi mvugo : «Nimwerekane ubushobozi bwa Mpwemu Yera!»Uko ni ko vyari bikwiye kuba.

122 Mubone neza yuko atari kwigisha Ijambo gusa. Ntiyigeze avuga kuja kwigishaIjambo. Yavuze ati : « Nimugende muvuge ubutumwa bwiza. » Si ukwigisha Ijambo,ariko ni ukuvuga ubutumwa bwiza.» Kandi ibimenyetso bizokwama biboneka kubizera ni ibi : bazosenda amadayimoni mw'Izina ryanje, bazovuga indimi nsha,bazofata inzoka, ni banywa ikintu cica, ntaco kizobagira na gatoya; bazorambikaibiganza ku barwaye bakire.»

Ivyanditswe bivuga ngo : «Abo bavayo bigisha hose. Umwami Yesu akorana na bo, Ijambo ryiwearishingishiriza intahe ibimenyetso birikurikira.» Uko ni ko Ubutumwa bwizabukwiriye kuvugwa.

Ivyo bimenyetso bizokwama biboneka ku bantu bangahe? Bizokwama bibabonekako gushika ku muhero w'isi, muriburi gihe. Uwo ni wo mugwi muto w'inkehwa zikomeza inzira yazo, zifise uwoMuco. Ntibitangaje kubona Yesu yavuze ati : «Yemwemwa busho buto, ntimutinye : kuko So bimuhimbara kubaha ubwami.» Ubushobuto... zama ari inkehwa, si benshi.

123 Ni uko, ahandi hamwe. Dufate uwa 20, reka turaberero uwu murongo hano. Rero umurongo wa 16 :

« Kandi mukuboko kwiwe kw'i buryo yari afise inyenyeri ndwi.»

Reka ubu dufate… n'intuze… uko mu Nyonga ziwe harihameze :

Mu kanwakiwe havamwo inkota ikarishe; mu Nyonga hiwe hari hameze nk'izuba iyo ryatseumutari.

Hamwemwofata…reka dufate, Matayo 17.Reka tuhafate mu gihe tukiri kuri ibi, kugiratubiceko, n'abo bantu bariko barandika, reka tu… Turahasoma maze ivyo biraja kubatumamuhandika

Matayo 17, neza:

…Imisi itandatuishize, Yesu ajana Petero na Yakobo na mwene nyina Yohana, abadugana igisozikirekire ari bonyene.

Ahindukaukundi imbere yabo, mu maso hiwe haka nk'izuba, impuzu ziwe zera nk'umuco.

Yaciye akayangana. Yakoze iki? Yarihinduye, asan'uko azosa kuri wa musi wo kugaruka kwiwe.

124 Ibi nimuvyiyumvireko: igihe harihasigaye amasaha makeya gusa ngo ivyo bibe, Yesu yari yagize iki ciyumviro, mu gicekibanziriza ico, ati : «Ndababwire ukuri: mur'aba bahagaze hano harimwo bamwe batazobona urupfu gushitsa aho bazoboneraUmwana w'Umuntu aje mu bgami bgiwe.» Koko ni vyo? Aca ajana Petero, Yakobona Yohana; ivyabona bitatu, kuko mw'Isezerano rya Kera ryose, akajambo ako ariko kose, kemezwa n'ivyabona bitatu, maze abatwara ku musozi.

Nimubone igitangura kuza. Oh, sinshobora muvy'ukuri kugarukira ngaha! Bikwiye yuko twihweza iyo mirongo mu buryoburamvuye. Nimurabe! Ni ikihe kintu ca mbere babonye? Yabatwaye ku musozi, acaarahinduka ukundi, akayanganira imbere yabo. Impuzu ziwe zakayangana nk'izubaiyo ryaka umutari, maze Mose na Eliya barababonekera bari impande ziwe. Ubunaho Umwana w'umuntu azoza gute? Mose na Eliya bazobanza kuza.

125 Nimwitegereze ibi :imbere y'uko Yesu agaruka kw'isi, (turihuse gato) ya Mpwemu ya Eliya izogarukakw'isi kugira ngo igarukane imitima y'abana ku ya ba se. Bibiliya ni Yoibivuga. Yesu bo n'intumwa barabonye ukuntu ukugaragara kw'Umwana w'umuntuafise ubwiza kwari kugiye kuzogenda. Ategerezwa gushimagizwa hanyuma agaruke.Ni iki babanje kubona? - Eliya. Hanyuma? Babonye Mose; Abisirayeli ari bobitondera Ivyagezwe bagarukanywe aho. Hanyuma, Umwana w'umuntu azohabwa ubwiza.Haleluya! Mbega murabona uburyo azogarukamwo? Ya Mpwemu ya Eliya, canke icabonac'igihe ca nyuma c'ishengero. Murabona,azanana Ubushobozi kugira ngo amwerekane.

126 Ni ho rero ba Bayuda ibihumbi ijana na mirongo inena bine bazokoranirizwa hamwe Isirayeli yari yahindukiye ihanga; ihanga ryakera kurusha ayandi kw'isi, ibendera ya kera kurusha ayandi yo kw'isi; ihangarifise ibendera ryaryo bwite, igisirikare caryo bwite, ifaranga ryaryo bwite,n'ibindi. Ni rimwe mu yagize Ishirahamwe Mpuzamakungu, kuko bagize ihanga. Yesuyavuze ko batazokwigera bahebwa imbere y'uko vyose birangira.

Hariho ibanga kuri uwo mugwi w'Abayuda bagendabahamwa hose, banenwa, bahigwa bankwa (nk' uko vyari bimeze kw'Ishengero murivya bihe vyose ryankwa) yamara kandi, Yesu yavuze ati : «Nimwabona amababiy'Umusukoni atanguye gututuza, burya bwoko bwongeye kuba ihanga, ivyo bisigurayuko igihe kiri hafi. mbere kitagitevye. Ndababwire ukuri, ab'uru runganwentibazorangira ivyo vyose bitarashika... » Ubwo bwoko ntibuzozimangana. Hitleryarageragеje kubuhonya; Mussolini yarageragеje kubuhonya, Staline yarageragеjekubuhonya nk'abandi bose, yamara ntibuzokwigera buhona canke ngo bufutwekw'isi, buzokwongera kubaho nk'ubwoko n'ihanga, buri aho. Amen!

Mose na Eliya bazoza. Oh, ndibaza yuko ivyomubitahura!

127 Ni uko. « Izuba, iyo ryaka umutari...» Ishusho yiwe yari yahindutse, ikayangana. Hari n'ibindi bintu mu VyahishuriweYohana 21 : 23, nimwaba mugomba kuvyandika. Muri Yerusalemu nsha, ni We Mwagaziakaba n'Umuco umurikira ico Gisagara; kuko muri ico Gisagara, nta muco ukenewe,nta zuba rizohakira, kuko wa Mwagazi ari hagati muri ico gisagara azoba ari WeMuco waho. Kandi amahanga azoba yakijijwe azogendera mu Muco wa wa Mwagazi! Amen! Ni We Muco wa wa Mwagazi. Oh, mbega ivyontibibatera umunezero?

Si ivyo gusa, ariko ni na We Zuba ry'Ubugororotsi(Yohana yamubonye ku Musi w'Uhoraho). Twihweze Malaki ari we uvugishwa n'Imanawa nyuma wo mw'Isezerano rya Kera. Malaki igice ca 4.

128 Ndafise agakuru ngomba kubatera kerekeye umugorewanje nkunda (yicaye hariya inyuma). Imbere y'uko twabirana, namucishije mubihe bigoye, ariko narageragеje kubikosora tumaze kwabirana. Sinari nzi yukonkwiye gusubira kwabira uwundi mugore, kandi ivyo vyaramubabaje cane. Nibazayuko yari umwigeme mwiza cane tudakwiranye, kandi nkibaza ko vyoba vyizandamuretse akabirana n'uwundi mugabo abushitse azomwitwararika. Nibaza yukontanabibereye; ivyo ari vyo vyose ubugwaneza bwiwe burandengeye. Ivyo vyaramucaumutima, kandi ntiyari azi ico yokora, haraciye imyaka ishika kuri mirongoibiri ivyo bibaye. Yari yababaye cane, ku buryo yarira ijoro n'umurango.Nashaka kumuheba, atari uko ntamukunda, ariko ari ukubera ko ntashaka kumuteshaumwanya wiwe; nashaka kumureka ngo aronke umuntu , umugabo abushitse, kuko yariumwigeme mwiza cane vyotumye atabandanya gurtyo kandi sinashaka kumufatira.Naribaza ko ankunda, kandi nanje, nari nzi yuko ndamukunda. Ndaheza ndibazarero nti : «Ubu rero, ngira ngo mpaneisango n'uwundi mwigeme dusohokane, kugira ngo anyiyumvire nabi.» Mu

nyuma,narababajwe n'ivyo nakoze. Vyaramubabaje cane. Naramuhamagaye nca ndamubwiranti : «Uri umwigeme mwiza cane ku buryo ntashaka kugutesha umwanya gurtyo.»

Yamara yaciye anyishura ati: « Ariko ni wewenkunda, Bill! Ni wewe wenyene nkunda. Namye ndagukunda.»

Ndamubwira nti: «Ndabigushimiye, yamara ndi umuntuakunda kwibera ukwa wenyene. Vyukuri mbayeho nk'umuntu akunda kwibera ukwawenyene. Urabona, ivyo kwabirana sindabinezwe. »

129 Kandi, murazi, na ko kari kabishimitsemwo! Acaaragenda mu kibanda. Yaragiyeyo aca arapfukama, maze aravuga ati : «Mwami,sinzi ico nokora. Singomba kukugarariza, kandi yamara, ndakunda Bill, nonesinzi ico nokora. Mwami, woshobora kundemesha? Womfasha gato? Ibi sinaribwigere ndabigusaba na rimwe kuva mbaho Mwami, kandi nizigiye yuko ntazokwigeransubira kubigusaba, yamara ukaba womfasha, ngira nugurure Bibiliya yanje, mazeuraheza umpe umurongo umwe. Hari abo numvise bavuga ko ivyo ubikora.» Maze,ayuguruye, hari muri Malaki 4, ngo :

Umve,nzobarungikira Eliya, uwavugishwa nanje, uwo musi w'Uhoraho uhambaye kandiuteye ubgoba utarashika.

Yambwiye ati : « Naciye mpaguruka mvaho, nshizeamazinda yuko tuzokwabirana.» Murabibona?

Ehe raba,umusi uraje, waka nk'itanure; abibone bose n'inkozi z'ibibi zose bazobaibishingwe; kandi uwo musi ugira uze uzobatongora niko Uhoraho Nyen'ingaboagize, nta n'agashitsi cank'agashami uzobasigarana. Ariko mwehoabubaha Izina ryanje izuba ry'ubugororotsi rizobarasira, rifise ugukiza mumababa yaryo.

130 «Izuba iyo ryatse umutari. » Oh, inkomezi z'Umwanaw'Imana akayangana hagati yacu kuri uyu mugoroba! Ahagaze hano, hagatiy'amatara ndwi y'izahabu, mu bimuranga biri mu buryo ndwi, nk'umucamanza.Nk'umwe yababazwa maze akadupfira akishirako urubanza rw'Imana, mazeakaganishiriza ibirenge mu bwato vino y'uburake bw'inkazi bw'Imana. Kumunyavyyaha, ku bugingo bwazimiriye mu nyanja y'ubuzima, aba isumo iteye ubwoba.Yamara kw'Ishengero, aba Umukiza w'Umugwaneza; rishimangiye mu buruhukiro mazerikumva ijwi ry'amazi atemba mu gihe riba ririko ririnjira mu buruhukiro,rihagijwe muri Kristo bimwe bitunganye. Mbega igihe ciza cane! Akayanganishahejuru yacu imishwarara yiwe ishushe, akavuga ati : «Ntutinye na kimwe, NdiIyamyeho, Iriho kandi Igira Igira ize. Ndi Ishobora vyose nta yindi ihariinyuma yanje. Ndi Alufa na Omega. Uwunyotewe nzomuha kunywa kw'isoko y'amaziy'Ubugingo ku buntu.» Oh, mbega isezerano, mbega inkuru y'urukundo! Kandi waMwagazi w'intama ari hagati muri ico Gisagara kidakeneye uwundi muco, kandi niWe Zuba ry'Ubugororotsi rifise ugukiza mu mababa yaryo.

We ni Ishurwe ryo mu Kiyaya, Ikinyenyeri co muGaturuturu

Ku bugingo bwanje, ni We karanga bgami mu bantuibihumbi cumi

Mu mubabaro, ni We andemesha,

Nomu makuba, ambera ubushizi bw'ubwoba

Ampamagarirakumuremeka imitwaro yanje yose

Haleluya!

Weni Ishurwe ryo mu Kiyaya, Ikinyenyeri co mu Gaturuturu

Ku bugingo bwanje, ni We karanga bgami mu bantuibihumbi cumi

131 Nta nkeka! Oh, igihe ca Kinyenyeri co muGaturuturu gitangaje kizoserukira kugira ngo cake, gisasirira uwo musi kandigihahamira ukuza kwiwe, congera kivuga giti : « Wa musi ugira useruke, Umwanaaraje vuba », aseruka ubwiwe ava inyuma y'izindi nyenyeri zose, oh, afiseugukiza mu mababa yiwe.

Tugaruke ku butumwa bwacu; mu kanya tugiraturangize kugira ngo ejo ku mugoroba tuzobe twiteguye, kuko ni isaha zitatuzibura cumi n'itanu, kandi ntidushaka kubagumya igihe kirekire cane, kugira ngoejo mushobore kuza.

132 Aho. Izuba ry'ubugororotsi rifise ugukiza mumababa yaryo. Ubu rero reka twihweze ingene mu nyonga hiwe hasa. YariUmucamanza, ivyo na vyo nyene biratwereka ko Yohana yari yajanywe ku Musiw'Uhoraho. Ivyo mbega muravyizera? Yohana yajanywe ku Musi w'Uhoraho, aca abonaUmwami ari Umucamanza; atakiri nk'Umuherezi canke nk'Umwami, yamara arink'Umucamanza. Ni Umucamanza. Mbega ivyo ntimuvyizera? Bibiliya ivuga ko ariUmucamanza. Ngaha yari yambaye nk'Umucamanza, yerekana ivyo yari yarakoze, icoyari ari, ico yari ari ku munyavyyaha, ico yari ari ku mukristo. None ubu ng'uyuarahagurutse, n'ijwi nk'iry'amazi menshi asuma, mu nyonga hiwe naho hasan'izuba iyo ryatse umutari.

133 Reka turabe ivyaciye bikurikira ku murongo wa 17:

«Mazendamubonye, nikubita hasi imbere y'inyundo ziwe Oh! Uyo yavugishwa n'Imana ntiyashoboye kugumaahagaze igihe kirekire, amaze kwerekwa ivyo! Ivyo vyatumye amaguru yiweareganuka, maze aca agwira ku birenge vyiwe nk'uwupfuye. Ubu rero nimurabe ibi:

«Maze anshirakoukuboko kw'i buryo, ati Ntutinye; Jewe nd'Uwa mbere kandi nd'Uw'iherezo...»

Oh! Ntiyari uvugishwa n'Imana, yari Imana ubwayo!« Ndi Uwa mbere, kandi ndi Uw'iherezo, Uwuriho. Ni Jewe mpishura ubwa mbere,kandi ni Jewe mpishura ubwa nyuma. Ndi Iyamyeho, ndi Iriho, kandi Igira ize.Reka tubirabe.

Jewendi…Jewe…

«Maze anshirakoukuboko kw'i buryo; ati : Ntutinye, Jewe nd'Uwa mbere kandi nd'uw'iherezo,kandi ndi muzima; nari narapfuye; kandi raba mpora ndi muzima ibihebitazoshira. (N'ubu nyene! Hanyuma aca arasemerera ati :) ... mfise impfunguzo z'urupfu n'iz'i kuzimu! »

134 Ntimutinye. Kubera iki twogira ubwoba? Kubera ikiIshengero ryoreka kwiyumvira kw'Ijambo ryayo? Duhagarare hano gato, kuko tugiraturangize. Kubera iki rero iryo shengero ryogira ubwoba? Mwoba mufise ubwobabw'igihano canke bwo hakurya? «Ntutinye. Ndi Iyamyeho, Iyiriho, kandi igiraize. Ndi Uwa mbere, kandi ndi Uw'iherezo. Mfise impfunguzo za rupfu n'izakuzimu, hano nyene! Kubera iki? Kubera ko nanesheje maze nkigarurira kuzimu narupfu (imva na kuzimu, urupfu ubwarwo, kuzimu ubwaho) ku bwanyu! Ivyo vyose narabinesheje.Naranesheje kuzimu, rupfu, imva.» Igihe yari kw'isi, ni We wenyene...

135 Abantu benshi baragiye kurwana kugira baneshe.Mwari mubizi? Napoleon yaragiye kurwana ngo yigarurire isi kandi yabikoze afiseimyaka mirongo itatu n'itatu. Kuva ku myaka cumi n'indwi gushitsa ku myakamirongo ibiri n'itanu, Napoleon yari ashigikiye politike yabuza kunywa inzoga,ntiyari umuntu yihebeye inzoga bo n'ibindi bijanye. Yaragiye mu Bufaransa(ntiyari Umufaransa, yari aje ava mw'izinga rimwe; yari yagiye mu Bufaransakwihora ico gihugu, kuko ntiyagikunda, ntiyakunda Ubufaransa. Yamarabwaramwigaruriye) Yaragiye kwigarurira Ubufaransa, afata Abafaransa maze acaaja kwigarurira isi. Maze amaze imyaka mirongo itatu n'itatu, yaricaye ararirakuko ata kindi yari afise yigarurira, aca apfa ari umunywi w'inzoga. Amazekuneshwa ntiyabaye agishoboye kwifata! Murabibona? Maze aca ahura na Waterloohiwe, i Waterloo, apfira i Waterloo. Igihe naja hariya, naragiye kurabaivyibutso vya kera bo n'amasigarira, n'ivyo vyose. Twihweje uwo murwanyi, turabona yuko yafasheinzira mbi akiri muto kugira ngo arwane kandi yigarurira uduce, araheza apfaatawukimwemera.

136 Ariko hariho uwundi Musore yigeze kuza mw'isi;yapfuye afise imyaka mirongo itatu n'itatu, amaze kunesha ivyategerezwakuneshwa vyose. Akiri kw'isi, yaranesheje ivyipfuzo, ubwibone, indwara bon'abadayimoni. Igihe yapfa, yaranesheje rupfu. Igihe yazuka yanesheje kuzimu.Yaraduze maze anesha ivyarwanya umuntu vyose, maze abiganishiriza ibirenge mubwato bw'Imana; yanesheje urupfu, kuzimu, imva, indwara, ivyo kwigana, hamwen'ibindi vyose; ivyo vyose yarabinesheje. Azuka ku musi ugira gatatu mazeyegukira amajuru, atabura ico gihuzu c'igipfungu catandukanya umuntu n'Imana,aca yunga isi n'ijuru. Icubahiro kibe ic'Imana!

Ng'uwo ahagaze nk'Inyabushobozi yanesheje, cagihuzu amaze kugitaburamwo kubiri; Ng'uwo! Yamanitse i ruhande yiwe imfunguzoza rupfu na kuzimu; «Ntutinye...» yashize ukuboko kwiwe kw'i buryo (ari bwobubasha bwiwe) kuri Yohana maze amuhagurutsa akoresheje ubushobozi bw'ukubokokwiwe kw'i buryo, avuga ati : «Ntutinye. Ndi Iyamyeho; iyiriho kandi igira ize.Ndi uwa mbere kandi ndi Uw'iherezo. Ndi Uwamyeho hanyuma ndapfa, none ndimuzima ibihe bidashira. Amen!»

Ng'uwo Umunyabushobozi yanesheje,

Ng'uwo araserutse,

Ari aho, Wa Munyabushobozi yanesheje; Kuko yatabuyemwokubiri ca gihuzu.

137 Amen! Yakuyeho inzitizi zose, gurtyo ishobozaumuntu kugira ubucuti nk'uko yariabufise mw'itongo rya Edeni. Sinashaka kugira ico ndabibabwiyeko yamara n'ahobiri uko ngira ngo ndababwire ibi : umuntu ashobora vyose. Ivyo ntimwovyizera;yamara; ni ukuri! Umuntu yumvira Imana muri vyose ashobora vyose. Mbega muriMariko 11 : 22 ntihanditse ngo : «Ico mwosaba cose, mudakekeranya mu mutimawanyu, kizobabera kuno. Muzoronka ico mwasavye»?

Bigenda gute iyo abanyabushobozi babiri bahuye?Iyo Imana n'umuntu bahuriye mu gushobora vyose, hariho ikintu gitegerezwa gucakiba! Ico mwosaba cose mugisabishije izo nkomezi zirema z'Ubushobozi bwosebw'Imana, muzi yuko yabusezeranye ikabimenyesha mw'Ijambo ryayo, ivyo biremaubushobozi bushika kure bugatuma ico kintu kiba; ibintu bitariho bihindukank'aho biriho, kuko «abanyabushobozi» babiri bahuye. Uko ni ko ameze. Oh, mbegantitangaje?

138 Turabe ko twoshobora kuronka ibindi bintu vyiza.Ubu rero umurongo wa 19; ni igiki cabaye, Yohana

abonye uko mu nyonga hiwehasa? Icakurikiye ni uko yaciye yikubita ku birenge vyiwe, ntiyari gushoborakuguma ahagaze. Inkomezi ziwe nk'umuntu zaramuhezemwo. Ntiyashobora guhagararaimbere y'Umwami : Yesu yarwana anesha, kandi yari yamaze kunesha.

Ubu rero atanze itegeko. Kandi turashitse ahoigice giherera, umurongo wa cumi n'icenda.

«Nuko wandikeivy'ubonye, n'ibiriho n'ibizoba hanyuma y'ivyo... »

Twafashe umurongo wa 20 :

«...Ibangary'inyenyeri ndwi izo umbonanye mu kuboko kwanje kw'i buryo,n'iry'ibiterekwakw'amatara ndwi vy'izahabu. Inyenyeri ndwi ni zo bamarayikab'ayo mashengero ndwi, ibiterekwakw'amatara ndwi na vyo ni vyo mashengero ndwi.»

139 Oh! Biraryoshe cane, bagenzi. Kumubonaahagaze ari mu bukuru bw'Ubumana bwiwe! Ni Umucamanza, Umuherezi, Umwami,Inkukuma, Umwagazi w'intama, Intambwe, Alufa, Omega, Data, Umwana, Mpwemu Yera,Iyamyeho, Iriho kandi Igira ize. Aganishiriza ibirenge mu bwato vino y'uburakebw'inkazi bw'Imana, akwije ibisabwa vyose, ku buryo Imana yavuze ku Musaraba...Igihe yamanikwa yavuze ati : «Vyose birarangiye! » Uko ni ko yahimbaye Imana,ku buryo Mpwemu yari yamuvuyemwo yamugarutsemwo muri ca gitondo ca Pasika,akamuhagurutsa maze akamuzura kubwo gutsindanishirizwa kwacu.

Ngaha yohana yarunamuye amaso, aca amubonaahagaze, ibirenge vyiwe bisa n'umuringa, inyonga ziwe zimeze nk'imbeyaz'umuriro zikwiragira kw'isi yose. Hari haciye imyaka amajana indwi Daniyeliamubonye ameze nk'uko nyene, asa nk'uko nyene : yari uwo Mugabo nyene, Uwambere na mbere, maze uwundi yasa n'Umwana w'Umuntu aramwegereza, acaashikirizwa imanza zose igihe yicara ku ntebe yera y'imanza.

Tubonye ivyo bintu, twari dukwiye kuba abantubameze gute ga bagenzi? Isengesho ryanje ni uko Imana yobahezagira. Mbegamurayikunda? Murayizera? Mbega mwarashimangiye ubugingo bwanyu muri Yo?

140 Twunamike gato imitwe yacu.

Ndabasavye muvuze piyano. Buhoro buhoro no mubwitonzi; tugira turirimbe buhoro buhoro kandi dutekanye : «Nashinze inangay'ubugingo bwanje ahantu h'uburuhukiro.» Sinzosubira kwumva ugusuma kw'ayomasumo agomba gutwara ubugingo bwanje, yamara iryo jwi rizokwongorera ubugingobwanje ivy'amahoro. Ubu rero twese, buhoro buhoro kandi mu kwubaha:

Nashize inanga y'ubugingo bwanje ahantu h'uburuhukiro,

Kugirasinongere kuzungazunga ku mipfunda yo mu nyanja;

N'aho igihuhutacokubura inyanja igasuriranya

Muri Yesu namanibereye mu mutekano

Unkayanganireko(kwiragiza imishwarara yawe y'ubwiza Mwami!)

Mwami,unkayanganireko,

Reka Umuco w'itaraunkayanganireko

Unkayanganireko Mwami, unkayanganireko (nimumwerekezeko ibiganza vyanyu) Reka umuco w'Itara unkayanganireko

Mbe nka Yesu (Ego, Mwami!), Mbe nka Yesu,

Mfise inyota yo kuba nka We kuri ino si; Mu kubaho kwanje kwose, Nsavye gusa kuba nka We... …O Mwami mwiza,

Kw'isi nipfuza kumera nka We;

Mu rugendo rwanje rwose rwo kuva kw'isi nja mu Bwiza,

141 Mwoba mushaka kuronka Ubuzima bwiwe ngo bube murimwebwe, mukerekana ko muri kumwe na we? Nambabiri uko, mukaba mutarabikora; mwohaguruka kugira ngo dusenge, abashaka kotubibuka mu masengesho?

Imana ibahezagire!

Mu ruhongorerw'i Betelehemu...

Ubunimugume muhagaze, tugume duhagaze.

…Harajeinyambukira (muzoba inyambukira kw'isi)

Mfise inyota yo kuba nka We kuri ino si.

Mu buzimabwanje bwose, guhera nkiri kw'isi, kugeza ngeze mu Bwiza; Nsavyegusa kuba nka We.

Mbe gusa nka Yesu, mbe nka Yesu (ico ni co cifuzocanje)

Mfise inyota yokuba nka We kuri ino si;

Mu buzima bwanjebwose, guhera nkiri kw'isi kugeza ngeze mu Bwiza Nsavye gusa kuba nka We.

142 Data wo mw'Ijuru, hari benshi bahagurutse, bifuzakukwakira. Baruhijwe no kuyerera hirya no hino, batazi iyo baja, bari hanzey'umugende w'Ubugingo. Kandi barazi yuko bashobora gupfa butaraca; kandi imbereyabo hari isumo rinini, amazi yisesa, bo n'ubugingo bwabo bukizimagirika!Bahoze bisa, bahoze basa n'isi, yamara ubu, bagomba gusa nawe Mwami. Bakire muBwami bwawe, ni abawe Data, kuko uzi imitima yabo bo n'ivy'igabiye. Kandiwaranditse, kandi warivugiye n'akanwa kawe uti : «Uwumva amajambo yanje akizerauwantumye, arafise Ubugingo budashira.» Mwami, warongeye uravuga uti : «Hahirwausoma, hahirwa n'abumva amajambo y'uku kuvugishwa n'Imana yo muri iki gitabo,kuko igihe kiri hafi.» Baratahura yuko igihe kiri hafi. Mwami, bararuhijwe nokuzimagirika. Baterere umugozi w'agakiza, bikwegereko Mwami. Reka bashoborekuva muri uwo mwiza maze bagaragaze Umuco wa Yesu Kristo. Oh, Mana Data watwese ndabakuragije, mw'Izina rya Yesu Kristo. Bakurikire Umwami baciye bugufimu kubatizwa, ngaha muri runo rusengero; shira Mpwemu Yera mu bugingo bwabo,kugira ngo bashobore kuba nka Yesu imisi basigaje kubaho. Tubigusavye mw'Izinaryiwe.

Mbe gusa nka Yesu, kuba nka…

143 Mwebwe mwese muhagurutse canke muri i ruhandey'abo bantu maze mukaba muri abakristo, nimubahe ukuboko maze mubaramutse. Nimubarambikekoukuboko, mushimire Imana kubw'ubugingo bwabo. Aha imbere ku gicaniro huzuyeabana, ntidushobora rero kubazana ngaha.

Mu buzima bwanje bwose, guhera nkiri kw'isi kugezangeze mu Bwiza

Nsavye gusa kuba nka We

Unkayanganireko, unkayanganireko,

Reka Umuco w'itara unkayanganireko

Oh, unkayanganireko, Mwami, unkayanganireko, RekaUmuco w'itara unkayanganireko.

144 Mbega mwumva koko mumerewe neza? Mwumva kokomumerewe neza? Muranezerejwe no kuba umukristo? Nimuramutse uwuri i ruhandeyanyu mu gihe tukiririmba akaririmbo duti : «Tuzogendera mu muco!» Uwo Muco mwiza, Umuco w'Umwami Yesu Kristoyagaragaye yambaye umubiri.

Tuzogendera muMuco, Umuco mwiza cane,

Twigire aho imbabazi zayo zica ibibatsink'urume

Nudukayanganire impande zose ijoron'umurango, Yesu Muco w'abari mw'isi!

Tukaririmbe twese :

Tuzogendera mu Muco, Umuco mwiza cane

Twigire aho imbabazizayo zica ibibatsi nk'urume Nudukayanganire impande zose...

Ijoron'umurango.

Yesu Mucow'abari mw'isi !

Yemwe mwese,abera muri mu Muco, nimumenyekanishe

Yesu Umucow'isi ;

Nihorero inkengeri zo mw'ijuru zizovugira,

Oh,Yesu, Muco w'abari mw'isi!

Uburero nimuduze amaboko :

Tuzogendera mu Muco, Umuco mwiza cane

Twigire ahoimbabazi zayo zica ibibatsi nk'urume Nudukayanganire impande zose ijoro n'umurango

Yesu, Muco w'abari mw'isi!

Tuzogenderana ntaryo muri uwo Muco,

Umucomwiza cane,

Uza ahoimbabazi zayo zica ibibatsi nk'urume,

Nudukayanganire impande zose, ijoro n'umurango

Yesu,Muco w'abari mw'isi

Tuzogendera muri uwo Muco (Umuco w'Ubutumwa bwiza),

Umuco mwizacane

Uza ahoimbabazi zayo zica ibibatsi nk'urume; Nudukayanganire impande zose ijoron'umurango,

Yesu, Muco w'abari mw'isi.

145 Tugaruke kw'itanguriro, kuri wa musi wa Pentekoti,aho Mpwemu Yera yururuka kw'Ishengero. Ubutumwa bwarabandanije kugeza iSimuruna, Ireneyo ni ho yari, uwera w'Imana ahambaye, avuga mu ndimi, afiseubushobozi bw'Imana, azura abapfuye, agakiza n'abarwaye ; yagendera mu Muco.Ahavuye, hakurikiye olomba, uwera w'Imana ahambaye kandi afise ubushobozi. Ekan'abandi bera benshi bahambaye bakwiragije Ubutumwa, bagendera mu Muco ari woUmuco w'Ubutumwa bwiza, nka wa Muco nyene watse kuri wa musi wa Pentekote ;Kristo ari mu bantu biwe, ivyo biterekwako amatara ndwi vy'izahabu vyerekanaugukayangana kwiwe nk'izuba iyo ryaka umutari.

Kuri twebwe natwe turi mu 1961 :

Tuzogendera muri uwo Muco, Umuco mwiza cane.

Uza aho imbabazi zayo zica ibibatsi nk'urume ;Nudukayanganireko impande zose ijoro n'umurango, Oh, Yesu, Muco w'abari mw'isi!

Duhaguruke:

Tuzogenderana ntaryo muri uwo Muco

Umucomwiza cane,

Uzaaho imbabazi zayo zica ibibatsi nk'urume, Nudukayanganireko impande zose.

Ijoron'umurango, Oh, Yesu, Muco w'abari mw'isi !

Mbega muramukunda ?

Ndamukunda, ndamukunda

Kuko ari Weyabanje kunkunda Kandiakandonkera agakiza Ku giti c'iKaluvariyo.

146 Ntitube tukiraba ku bintu vyo muri iyi si. Narapfuye kuvy'isi kandi kubwanjeivy'isi ni urupfu. Ngendera gusa muri Kristo, ndongowe na Mpwemu Yera.Ndamukunda kuko ankunda, kandi akankayanganirizako imihezagiro yiwe, akampaukuboko kwiwe kw'i buryo kw'ubufatanye mu Bwami bwiwe. Ubu rero turi abahungun'abakobwa b'Imana, kandi ukwo tuzosa kw'iherezo ntikurahishurwa ; yamaraturazi yuko tuzohabwa umubiri usa n'Umubiri wiwe w'Ubwiza, kuko tuzomubona ukoari.

Tuzogendera muri uwo Muco, Umuco mwiza cane,

Uza ahoimbabazi zayo zica ibibatsi nk'urume, Nudukayanganireko impande zose, ijoron'umurango, Oh, Yesu, Muco w'abari mw'isi !

147 Mbega muramukunda ? Murazi, iyo ubutumwa bukazenk'ubu buhejeje kuvugwa, ndakunda kwumva abantu batangura kuririmba indirimbobakayisenga baririmbira muri Mpwemu. Nta kintu ciza nko kuririmba nkakera. Ni ivy'ukuri. Ndakunda kwumvaindirimbo za gipentekoti nk'uko zaririmbwa kera ; atari abo baririmvyibamenyerejwe bimwe vy'akataraboneka, bagumya amajwi yabo kugeza aho asigara ariukujwiragira, maze mu maso habo hagahinduka kubw'inguvu bakoresha ; maze hamwen'ivyo ntibatahure ivyo bariko bararirimba ! Jewe ico nkunda, ni umuntu,kumbure aririmba nabi, ariko akaba yarahawe umugisha wa Pentekote, kandi kikabaari co gituma aririmba.

Ese ingene izo ndirimbo zifise amajwi meza ziva kuMusaraba ari nziza cane !

148 Ng'iyi indirimbo yacu yo gusezerana:

Izina ry'Umwami Yesu ni ryo ryokuremesha Mu magorwa yawe yose

Rijane aho uja hose.

Ejo igikorane kizotangura isaha imwe, isaha imweyuzuye.

Amavi yose apfukame,

Mw'Izina ry'Umukiza

N'indimi zose zemere ko Yesu ari Uhoraho.

Ubu rero twese turirimbe :

Izina ry'Umwami Yesu

Ni ryoryokuremesha

Mumagorwa yawe yose

Rijaneaho uja hose

N'Izina ryiza pe, Baryizigire mw'isi N'izina ryiza cane !

Barishime mw'Ijuru

N'Izina ryiza cane (ese ingene ari ryiza !)

Barishime mw'ijuru

149 Kuri uno mugoroba turahejeje. Bahejeje kumbaza kohoba hari igikorane ejo mu gitondo. Oya, si ejo, muzogire akaruhuko keza !Birashoboka yuko ejo ku mugoroba ntazoshobora kurangiza ubu butumwa, nzohezarero nce ndabubandanya hirya y'ejo. Igihe cose ntazoshobora kuvuga ubutumwa ngondabumare, nzoca ndaburangiza ku musi ukurikira. Yamara twamaze gukura mu nziraivyo vyose, ndibaza yuko turi mu nzira ngo dushikire Ibihe vy'Ishengero. Si vyo?Ni uko !

Neza, twunamike imitwe yacu mu gihe turiko turaririmbabuhoro buhoro :

Amavi yose apfukame (indimi zose zizovyatura)

Mw'Izina ry'Umukiza N'indimizize zemere Ko Yesu ari Uhoraho.

N'Izina ryizape,

Baryizigiremw'isi

N'izina ryizacane!

Barishimemw'Ijuru.

MESSAGE hub online

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7